# Ishashara Rya Kabiri

Jeffersonville, Indiana, USA
19 Ntwarante 1963

1 Mwiriwe ga bagenzi. Duhaguruke akanya gato kugira dusenge. Data wa twese wo mw'Ijuru, twongeye gukoranira hamwe icese kuri unomugoroba kugira ngo dukorere Umwami. Warasezeranye yuko aho tuzobadukoraniye, naho twoba turi babiri canke batatu, uzoba uri hagati yacu.Ubwo rero turafise ubushizi bw'amanga bw'uko uri hano ubu kukodukoraniye mw'Izina ryiwe. Turagusavye ubu rero, Data, kugira ngo kuri uno mugoroba uzeutumenere ica kabiri kimatanije ca Gitabo. Umuririmvyi yaravuga koyoshima kurenza amaso ibihe. Na twebwe ico twifuza Mwami, ni ukurabaivyabaye kandi tukabona n'ibiri imbere yacu. Turagusavye ko wa Mwagaziw'Intama yari yarishwe aza muri kano kanya hagati yacu, amene icokimatanije Igitabo ateko akiduhishurire, aduhishurire ivyo dukeneye kubona.

2 Mwami, aha ni haba hariho abantu batarinjira muri uku gufatanirizahamwe kw'ubwiza dukoraniye kuri Kristo, turagusavye kugira ngo kuri unomugoroba bashobore gufata iyo ngingo ihoraho kandi buzure Mpwemuw'Imana. Data, ni haba hariho abarwaye, turagusavye ngo ubakize. Imbere yanjehariho udutambara twinshi ndambitseko ibiganza nibuka ico Bibiliya ivugaku vyerekeye Paulo, ngo : bashira abarwaye ibitambara n'ivyambazovyakoze ku mubiri wiwe; impwemu mbi zikabavako maze bagaca bakira. Turabona ko ukuza kw'Umwami kwegereje. Turazi ko igihe cegereje.Ivyo bintu bigarukaniwe Ishengero mu nyuma y'imyaka igihumbi n'amajanaicenda. Gurtyo rero turagusavye Data, kugira ngo uduhe ivyo bintu tugusavye. Hainkomezi umusavyi wawe kandi uze gufasha abakozi bawe aho bari hose,Mwami, na cane cane twebwe dukoraniye hano kuri uno mugoroba kugira ngo dushobore kwakira Ijambo. Tubigusavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

3 Nta nkeka ko ari vyiza kubona twagarutse mu ngoro y'Umwami. Ndaziko abenshi muri mwebwe bahagaze, ntibinezereje ariko simbona icotwoshobora gukora kirenze aho. Twaraguye urusengero kugira ngorushobore kujamwo abantu barenga amajana atatu canke ane biyongeyeko,ariko ibikorane bidasanzwe nk'ibi vyama bikwega abandi bantu benshi.

4 Muri ino misi ngira ibihe vyiza cane mu masengesho no mu gihe mbandiko ndiga ivyo Bimatanije ca Gitabo. Ndibaza ko no kuri mwebwe ari kobimeze. Sindabikekeranya ! Namba kuri mwebwe ibi bintu bifise insiguronini nk'uko bimeze kuri jewe, mutegerezwa kugira ibihe vyiza pe. Igikorane kirangiye ndaja gutelefona akana kamwe k'agakobwak'akagenzi kuko uno musi ari umusi mukuru w'ivuka ryako. Uno musigakwije imyaka cumi n'ibiri : ni Sara, ka gakobwa kanje. Kandi hirya y'ejonzosubira gutelefona kuko uzoba ari umusi w'isabukuru ya Rebeka .

5 Kuri uno mugoroba turaja kwiga iki ca kabiri kimatanije ca Gitabo. Binevya mbere bimatanije ca Gitabo bijanye n'abagendera kw'ifarasi bane.Hariho ikintu casubiye gushika uno musi. Nari nashatse gusubira kuraba muvyo nari naranditse kera bifitaniye isano n'ubutumwa nari narigishije kera ;nicaye mu biro vyanje ndibaza nti : « Nta ko ntari nagize ». Abantu benshibaravyanditseko. Nibwiye nti : « Ewe, ngira nsome gato maze ndabe ibin'ibi ». Ariko haciye haza ikintu kimwe muri ako kanya nyene, vyaribitandukanye rwose. Ivyo ntaho bihuriye. Naciye rero mfata n'ingogaikaramu y'igiti nca ntangura kwandika n'ingoga na n'ingoga uko nshoboyemu gihe yari akiri aho.

6 Oh, hari ikintu cabaye mu kiringo hafi c'isaha. Mu kanya gaheze ndikondaza nariko mvugana na mwene Data Wood. Murazi ko hariho ibintuvyinshi ata woshobora gupfa kuvuga. Hari ikintu cari gihejeje kubacamfashije rwose. Ndafise umugenzi ari ahantu hamwe muri ino nzu. Ego mwese muriabagenzi ! Ni mwene Data Lee Vayle : uwo ni mwene Data mukundwa yigaIvyanditswe abishizeko umutima. Uwo mwigisha yahora ari Umubatisteafise Mpwemu Yera. Ivyo sindabivuze kugira ndamuhayagize arikondabivuze kuko ndavyizera. Nk'uko ndabizi ndibaza ko ari umwe mu bumva neza Ivyanditswe bari muri twebwe. Ahejeje kunyandikira agapapuro yarungikanye Billy, kandi Billy vyamugoye cane kukampa. Sindagasomakose ; ndaja kubabwira ico yavugamwo. Mwene Data Vayle, ni waba urihano kuri uno mugoroba, haraheze hafi amezi atandatu ivyo ndabisomye.

7 Yari yanditse ati : « Sindabizi neza, mwene Data Billy, ariko ndibaza koPolycarpe yari umwigishwa w'intumwa Yohana.» (Ni ko biri, yari we).«Irénée yavuga ko Yesu azogaruka uwatoranijwe wa nyuma wo mu mubiriwa Kristo yinjiye »15. Umve uko Irénée yavuga mu myaka ishika nka 400 Kristo amaze gupfa,ati : « Ico gihe ca nyuma ni cashika… » Ivyo biri mu gitabo citwa InamaNkuru yabaye imbere y'iy'i Nikaya. Ibi mvuze biraberekeye bagenzimusoma mukiga Inkuru za Bibiliya. Ndibaza ko muzobisanga mu gitabo cambere canke ica kabiri citwa Inama Nkuru yabaye imbere y'iy'i Nikaya.

8 Haraheze rero imyaka myinshi ivyo abibonye igihe yavuga ku vy'uwanyuma wo mu batoranijwe. Abantu bibaza ko gutoranywa ari ikintu abantubamaze imisi mike bishiriyeho. Ariko gutoranywa bo n'umuhamagaro nizimwe mu nyigisho za kera dufise. Uwiga Ivyanditswe w'ukuri yamayizera ugutoranywa. Gurtyo rero, Irénée yari umwe mu bamarayika b'Ibihevy'Ishengero, nk'uko twavyize kandi nk'uko nyene tuvyizera. Mu bisanzwemuri ico gihe vyose vyari amabanga. Vyose vyari binyegejwe muri ibiBimatanije ca Gitabo bitegerezwa guhishurwa mu misi ya nyuma. Vyosevyatanguranye na Paulo, hanyuma barabandanya no kuri Irénée, Martinn'abandi kugeza ku Gihe ca nyuma.

9 Turizigiye ko Umwami aja kuduhezagira mu kigoro twagize kuri unomugoroba. Iki ca mbere kimatanije ca Gitabo vyukuri caranyujujeumunezero. Mbega ukuntu nahahezagiriwe ! Singomba kubatevya canneariko murazi, nk'uko ntegerezwa kwongera kugenda mu misi mikeninarangiza, ivyo ari vyo vyose dutegerezwa kwongera kwihanganiraumwanya muto urengako.

10 Ndabona mwene Data Junior Jakson ahagaze hariya kandi ndibaza konarabutswe mwene Data Ruddel. Turashima kubona abo bene Data bo mumashengero dufatanije n'abandi bari ngaha. Ndizera ko mbonye na mweneData Hooper wo mw'ishengero ryo muri Utica ahagaze yegamiye urusika.Turashima rwose kubona mukorana natwe muri kino gikorwa.

11 Gurtyo ejo ku mugoroba mu kubigisha ku Mashashara nk'uko dukunze kubikora, twabigize nk'uko vyakozwe ku Bihe vy'Ishengero.Duhejeje kwigisha ku Bihe vy'Ishengero, ubwa nyuma nabivuzeko ndi ahaimbere havugirwa ubutumwa nandika ku kibaho, ni bangahe muri mwebwebibuka ivyabaye ? Wa Mumarayika yaciye yururuka, agenda atumbereyeurusika ari mu muco, aca wenyene arabicapura ubwo nyene ku kibahoimbere yacu. Uwo Mumarayika w'Uhoraho yari ahagaze aha imberey'abantu amajana n'amajana. Kandi n'ubu nyene ariko arakora ikintukidasanzwe vyukuri. Gurtyo rero twiteze ibintu bikomeye. Ivyobirabanezereje kubirindira mutaramenya neza na neza ibihava bishika? Murazi: Kurindira gusa?

12 Mbega ukuntu Imana ari igitangaza kuri twebwe ! Mbega ukuntu ariIgitangaza ! Turayikunda cane ! Ubu rero ngira nsome umurongo wa 1n'uwa 2, ari na ho haza kutubera urufatiro, hanyuma turaja gufata umurongowa 3 n'uwa 4 kubwo ica kabiri kimatanije ca Gitabo; tuzoce dukurikizakoumurongo wa 5 n'uwa 6, kubwo ica gatatu kimatanije ca Gitabo n'ibindi. Niukuvuga ko ari imirongo ibiri ibiri ku wugendera kw'ifarasi.

13 Nagomba ko mubona ukuntu uwo agendera kw'ifarasi agenda yihindurauko agenda ahindura ifarasi; hanyuma tuzoshika kuri kimwe ca nyumagihambaye kimatanije ca Gitabo, Imana ibigomvye, kizokwugururwa kuw'iyinga ku mugoroba. Ico kimatanije ca Gitabo cuguruwe, ikintu kimwegusa caciye gishika ni agacerere nk'ak'igice c'isaha kabaye mw'Ijuru.Imana ni idufashe ! Ubu rero ngira nsome uwu murongo wa 3: « Kand'amenye ica kabiri kimatanije ca gitabo, numva ikigirakabiri mu binyabugingo, kiti Ngwino. Haza iyindi farasi y'akagajo,uyicayeko ahabga gukura amahoro mw'isi, ngo bicane : kandi ahabgainkota ndende »

14 Haciye habaho rero ikintu c'akabanga igihe ikinyabugingo cavugakiti : « Ngwino ». Ntiyabona ivyo ari vyo, yabonye ikigereranyo gusa. Kandiicatumye ico kigereranyo kibaho… Caciye kivuga kiti : « Ngwino ». ArikoYohana yabonye ikigereranyo c'ibintu; ico yategerezwa kugishikirizaishengero nk'uko kiri ku buryo riba maso gushika rishitse mu gihe ca nyumamaze ibi bimatanije ca Gitabo bikugururwa.

15 Ubu none mwesemurabitahuye ? Murabona, ibimatanije ca Gitabo vyategerezwa kuzomenwa.23. Mbega ntimunezerejwe no kuba mubayeho muri kino gihe ? [Ikoranirorciye rivuga ngo « Amen ! » - U]. Si ivyo gusa bagenzi, ariko mugume mwibuka ubutumwa bwo ku w'iyinga ushize mu gitondo bwari bushimikiyeku « guca bugufi », ku bintu vyiyoroheje, biciye bugufi. Ivyo bizoshika kuburyo abantu bazobica ku ruhande, batanazi n'uko ivyo bishika. Kandi nimwibuke yuko turindiriye Ukuza kw'Umwami mu kanya ako ari ko kose.24. Naravuze yuko kumbure izamurwa rizoba muri ubwo buryo nyene.Izamurwa rizoba kandi nta muntu n'umwe azomenya ikintu na kimwe. Nimugaruke kuri Bibiliya maze murabe ukuntu ibintu bigenda, no ku vyabayebihambaye cane nk'ukuza kwa mbere kw'Umwami Yesu ! Nta n'umweyamenye ikintu na kimwe kuri ivyo !Bibaza bati : « Ni umusazi ! » Amashengero yaravuze ati : « Ni umuntuakavya gusa ! Vyukuri ni umusazi ! Ni igisare. Bati turazi ko uri igisare(igisare ni umusazi) turazi ko ufise idayimoni yatumye usara. Ugeragezakutwigisha kandi uri umwana w'ikivyarwa ! Iki ! Wewe wavukiye mubusambanyi, uriko urageragez kwigisha abagabo b'abaherezi n' abakozi bomu rusengero nka twe ? » Kuri bo cari igitutsi.

16 Igihe Yohana Umubatizi yaza vyari vyaravuzwe uko Ibihe vyagiyebikurikirana kuva kuri Yesaya ukageza no kuri Malaki ; imbere y'imyaka 712, abavugishwa n'Imana bari barabonye ko azoza. Bose baribamurindiriye. Ukuntu yaje, ukuntu yavuga ubutumwa, ukuntu yashikijeigikorwa ciwe, n'intumwa ari intumwa ntizabitahuye. Kuko zabajije Yesuziti : « Umwana w''Umuntu agiye i Yerusalemu kandi ivyo bintu bikababitegerezwa gushika ; none rero ni kuki Ivyanditswe bivuga ko Eliya akwiyekubanza kuza?» Yesu arishura ati : « Yaramaze kuza ariko ntimwamumenye. Yakoze neza na neza ivyo Ivyanditswe vyavuga ko azokora, kandi bamugize nk'ukonyene bigombera ». Ivyo ntibashobora kubitahura. Ariko Yesu aca aravugaati : «Yari Yohana ».

17 Hanyuma, oh, murabona ukuntu baguma babihanze amaso! No mu gihec'isozerwa ry'igikorwa ciwe nta na kimwe babonye, amaze gukora ivyovyose kandi amaze no kubereka ibimenyetso ; yari yaranabahamagayearabababarira ati : « Ni nde muri mwebwe yonyagiriza icaha nakoze(ukutizera) ? Ni ntaba narakoze nk'ivyo Ivyanditswe nyene vyavuga koigikorwa canje kizorangura nje kw'isi, aho rero nimunyereke aho nacumuye!Aho rero ngira ndabereke ico mwibaza ko muri co maze turabe ko mucizeracanke mutacizera. » Aca arongera aravuga ati : « Mwategerezwa kunyizeranje.» Ntibabikoze.

Ahubwo aho kwizera bagerageza kuraba ko hari ikosabomubonako. Ariko yaciye ababarira ati: « Ni nde muri mwebweyonyagiriza ukutizera ?Mbega sinakoze neza ico nabwirizwa gukora?»

18 N'intumwa zaratsitaye mu rugendo rwazo (turazi ico Ivyanditswebibivugako). Hanyuma baruhiye kuvuga bati : « Ubu rero turizeye kuko uzivyose.» Muri ako kanya nyene nari gushima kubona mu maso hiwe uko haciyehamera ! Ategerezwa kuba yarabaravye akavuga ati : « Emwe, ubu homurizeye? » Noneho umuco uca urabakira. Ivyo vyerekana ko kumburebitari kugenda gurtyo imbere y'uko ico gihe gishika. Murazi ko Imana ikoraikintu cose nk'uko categerezwa kumera. Ico ndakiyikundira.

19 Ariko ubu twiyumvire ku gihe cacu kuko dutegerezwa kukivugako ;bitabaye uko nta na kimwe twotahura kuri ibi bimatanije ca Gitabo.Yamarakenshi nguma ndonka abansaba gusengera abarwaye kandi nama nsengerauwubisavye wese, udutambara n'ibindi. Hamwe twoshobora guheza ibiBimatanije ca Gitabo ku w'iyinga mu gitondo, kandi kubaye ari ukugombakw'Imana, dushaka ko hano twoca tuhagirira igikorane co gusengeraabarwaye nk'uko vyakorwa kera. Murazi, mwene vya bindi, aho tumaraigitondo dusengera abarwaye. Kandi sinkekeranya na gato ko kizoba ariigikorane kidasanzwe. Ndavyiyumvamwo. Vyukuri si igikorane kidasanzweariko kuri bamwe ni ko kiri.

20 Mbega ukuntu ubuntu bw'Imana buhambaye kubona duhishurirwaamabanga yayo muri ino misi! Twese turizera ko turi mu misi ya nyuma.Turavyizera. Nimwibuke ko ya mabanga ategerezwa guhishurwa mu misi yanyuma. None ihishura ite Ijambo ryayo, amabanga yayo, Bibiliya?Murashaka gusoma aho ibivuga ? Reka turabe ukuntu ihishura amabangayayo.

Dufate igitabo ca Amosi maze dusome ku gice ca 3, umurongo wa 6n'uw'7. « Cank'inzamba yovugirizwa mu gisagara, abantu ntibakanguke ?Canke har'icago cotera igisagara, Uhoraho atakirekuye ? Ereg'UmwamiUhoraho ntazogira ico akora atabanje kwibira akabanga abasavyi biweavugisha. »

21 Twaramenyeshejwe hakiri kare ko uwuvugishwa na Yo azohaguruka mu misi ya nyuma. Ndavye hirya no hino yanje kuri uno mugoroba, mu gihendiko ndavuga ndabona ko hariho abanyeshure hano kandi nshaka komwontahura. Murazi ko aya makaseti azoja mw'isi yose. Singomba na mbako mwokwigera mwibaza ko ndiko ndagerageza kubinjizamwo ivyogusenga imitamana ya Eliya n'ivyo bintu vyose bimaze kuturengera. Arikomurazi ko ivyo vyose biza imbere y'ikintu c'ukuri gitegerezwa gushika, bizanywe gusa no gukura abantu mu nzira nziza.

22 Mwari muzi ko imbere yo kuza kwa Kristo habanje kuza abarongozib'ibinyoma, ba mesiya b'ibinyoma ? Mbega ca gihe haduka ikibazo cogutonagura ba bagabo, umwigisha wo muri ico gihe, wa mwigisha akomeyeyitwa Gamaliyeli ntiyavuze ati : « Ni mubareke. Iki gikorwa nicaba kiva kuMana, ntimuze musange muriko murwanya Imana ; naho nicaba atariic'Imana...Mbega mu misi ishize umugabo umwe ntiyahagurutseakikwegerako abantu amajana ane mu bugaragwa n'ibindi? Ivyo turabizi. »Ivyo vyari ibiki none ? Ivyo vyose vyari ivyabanje kuza imbere y'ikintuc'ukuri categerezwa kuza.

23 Murabona, satani ni we abahagurutsa. Nimurabe ubuhemu bw'uwoturiko turavuga hano, bw'uwo satani turiko turashira ahabona ubu nyene.Tumukuyeko agashambara dukoresheje Ivyanditswe kandi tuberetse uwo ariwe. Ico ni co twategerezwa gukora. Satani ntiyigeze agerageza kubaumukominista. Ni antikristo!Yesu yaravuga ati : « Biregeranye cane ku buryo vyozimije n'abatoranijweiyo biba vyoshoboka », kandi abo na bo ni abanyegejwe muri ibi bimatanijeca Gitabo n'amazina yabo akaba yanditswe muri ca Gitabo kuva isiikiremwa.

24 Satani ni umuntu w'ingunge !37. Iyo abonye ko ico kintu gishitse aca aterera ivyo ashoboye vyose munzira yacu kugira ngo agerageze kugitembagaza kitarashinga imizi. Muraziko hazokwaduka ba kristo b'ibinyoma mu misi ya nyuma ? Ivyovyategerezwa guca bikurikira ubwo nyene ubwo butumwa bukomeyeuwo mwene Data azovuga. Uwo azoza vyukuri, azoba yasizwe amavutay'impwemu ya Eliya. Ivyo bizoca bishika ubwo nyene mu nyuma yiwe.Kandi bazomwihendako; bamwe bamwe bazokwibaza ko ari Mesiya. Arikoazovuga avyeruye ati : « Oya ! » Kuko ivyo bitegerezwa kuba nk'ukovyabaye kuri Yohana Umubatizi.38. Mu gihe ca Yohana Umubatizi, aserutse aje kuvuga ubutumwa,baramubariye bati : « Ubwo nturi Mesiya ? Ubwo si wewe?» Aca arishura ati : « Oya ! sindi we, ntibimbereye no gupfundururautugozi tw'inkweto ziwe ; jewe, ndababatiza mu mazi ariko We azobabatizamuri Mpwemu Yera ». Kandi yari azi neza adakekeranya ko Mesiya yari arikw'isi ku buryo yavuga ati : « Ubu ari ahantu hanaka hagati murimwebwe », ariko ntiyamumenye kugeza abonye ikimenyetsokimumanukirako. Aho rero aboneye Umuco wururuka, warara nk'inumamaze ugahagarara kuri We, yaciye avuga ati : « Ng'uyo ! Ni We ! » Ariko,murazi, Yohana ni we wenyene yawubonye. Yohana ni we wenyeneyumvise Ijwi. Mu bari bari aho, nta n'umwe yaryumvise.

25 Yamara rero iyo umukozi w'ukuri aserutse, abishushanya bose bacabaza kugira ngo badurumbanye ivyiyumviro vy'abantu. Satani ni weabikora. Abantu badashobora gutandukanya ic'ukuri n'ic'ikinyomabaratsitara bakagwa bagaramye, abatoranijwe bo si uko. Bibiliya ivugako Satani atoshobora kuzimiza abatoranijwe. Gurtyo rero imbere neza na neza yo kuza kwa Kristo, Bibiliya ivuga kohazokwaduka ba kristo b'ibinyoma bigira ngo ni Kristo. Kandi abantubazovuga bati : « Ehe,ari mu bugararwa ». Ntimuze muvyizere ! Ngo: «Eheari mu vyumba vyo mu mpete ». Ntimuze muvyizere ! Ngo: «

Kuko nk'ukoumuravyo urabiriza i burasirazuba ukabonekera i burengerazuba,n'ukuza kw'Umwana w'Umuntu ni ko kuzomera ». Ego, azoseruka kandibizobera rimwe kw'isi yose.

26 Koko bazomenya ko hari ikintu cabaye. Nimwibuke ko ivyo bizocabishika ubwo nyene Ishengero rikimara gutaha, rimaze kuzamurwa.Hazokwamaho abishushanya kandi ntidushaka kuboherwa ku bintu nk'ivyo. Oya! Ndizera ko igihe uwo muntu azozira (umwe ukuza kwiwe kwarikwaravuzwe ; ndabibereka nkoresheje gusa Ivyanditswe), uyo mugaboategerezwa kuzoba ari uwuvugishwa n'Imana. Azoba ari uwuvugishwavyukuri kuko Uguhishurirwa n'Imana, Ijambo ry'Umwami, kuza kubavugishwa na Yo. Ni ukuri kwuzuye. Kandi Imana ntishobora guhindura,murabona. Iyo ija kuba yari ifise uburyo bwo gukora bwiza kurushiriza, yarikuba yarabukorersheje ; ariko yahisemwo uburyo bwiza kurushiriza kuvaubwa mbere na mbere.

27 Yari gushobora guhitamwo izuba kugira ngo ribe ari ryo rivuga Ubutumwa bwiza. Yari gushobora guhitamwo ukwezi. Yari gushoboraguhitamwo umuyaga, ariko yahisemwo umuntu ! Ntiyahisemwo imigwiariko yahisemwo abantu ku giti c'umwe umwe, kandi ntihigera habamu gihe kimwe abavugishwa na Yo bakuru bakuru babiri kw'isi. Murabona, umuntu wese atandukanye n'abandi, kandi akagira na kamereyisangije. Iyo Imana ishoboye kwifatira umuntu mu minwe (ico nyene ni coiba ikeneye), irashobora guca ikora ivyo igomba. Igikwiye gusa ni uko uwoiba imufise mu minwe. Mu misi ya Nowa, ya Eliya n'iya Mose… Benshi barahagurutse mu giheca Mose. Murazi uko bavuze, ngo : « Ntabwo ari wewe wenyene uri uweramuri uyu mugwi ! » Yari Kora na Datani. Imana yaciye ivugaiti : « Nimutandukane na bo gusa ; ngira nasamike isi ibamire ». Kandi kukoabantu baguma bidodomba, yaciye ivuga iti : « Bose ngira ndabahonye ». Maze rero Mose aca aja mu kibanza ca Kristo. Aca aba ari we yitererahagati aravuga ati : « Uhoraho we, ntubikore ! » Mu bisanzwe, imazekurobanuza amavuta Mose kugira ngo abikore, ntiyari gukubita Mose kukomuri ako kanya yari akoze nka Kristo. Yari Kristo muri Mose. Cane nyene !

28 Gurtyo rero turanezerewe cane uno musi kuko Imana itwihishurira.Ndizera ko wa musi uhambaye utanguye guseruka, umuco uratanguyekumurika, inyoni zo muri paradiso ziratanguye kuririmba ya ndirimbonyene ; zirazi yuko uwo musi noneho utagitevye. Hari ikintu kigiyegushika ; kandi birakwiye !49. Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana. Ivyanditswe bitegerezwakuba Ukuri ntabanduka. Nta kundi vyogenda. Ni co gituma ntahuza nabagenzi banje b'abakatolika. Sinizera ko vyanditswe n'umuntu gusa; nizerako vyahumetswe na Mpwemu Yera. Utwo tuntu twose bavyongeyekocanke bagerageje kuvyongerako, mwoba mwarabonye mu gihec'isozera ko kamwe kose muri utwo gaca gashiburwa ? Yamara ibiVyanditswe vyukuri kandi vy'inkomoko vyo birahura, ku buryo murivyo ata na kimwe gihinyuza ikindi.

29 Nimunyereke igitabo c'abanditsi kitagira ahantu na hamwe havugakubiri n'ahandi. Ariko Bibiliya Yo nta hantu na hamwe ifise havuguruzaahandi. Narumvise uko bayinebagura kwose kuva kera, ariko kuva keranama nasavye ngo banyereke ahantu havuguruza ahandi. Muri Bibiliya yanje nta hariho ! Ahubwo ivyo biterwa n'uko ivyiyumviro vy'umuntu birimu madidane gusa. Ariko Imana Yo nta madidane ayirimwo.Irazi ico iba iriko irakora. Raba, iyo Imana iba yocira isi urubanza ikoresheje ishengero kanaka(nk'uko ishengero rya Katolika ribivuga), none yorucisha ishengero irihe?Nimwirabire gusa amashengero dufise. Dufise amadini arenga amajanaicenda atandukanye. Imwe imwe yigisha mu buryo bwaryo. Mbega amadidane! Rimwe rimwe ryigisha mu buryo bwaryo. Ku buryo uwo ari wewese ashobora gukora ico yigombeye; kandi ivyo ari vyo vyose uko ni kobakomeza kubigenza. Birakwiye ko Imana igira ico ifatirako, kandi ico na coni Ijambo ryayo.

30 Singomba kuvuga Abakatolika gusa kuko no ku Baporoti na ho nyene nibibi nk'uko nyene ; ariko mu gihe nariko ndavugana n'umupatiri umwe,yarambariye ati : « Mushingantahe Branham, Imana iri mw'ishengeroryayo!» Nca ndishura nti: «Mushinganta, Imana iri mw'Ijambo ryayokandi Imana ni Yo Jambo ». Uwo mupatiri aca avuga ati : « Erega,ishengero ntiryihenda ». Nca ndishura nti : « Imana si uko ivuga, arikoyaravuze ko Ijambo ritihenda ». Yaciye asubizamwo ati: « Ariko twahoratwigisha umubatizo muri ubwo buryo». Nca ndishura nti : « Hari ryari ? »Yaciye ambarira ati: «Kera mu ntango ». Nca ndishura nti : « Uribaza koryari ishengero rya Katolika?» Aranyishura ati : « Ego me ». Naciye nishura nti : « Aho rero ndi umukatolika, umukatolika wo muntango. Nizera nk'uko bizera mu ntango. Mweho abantu ba kino gihe vyosemwarabivangavanze. Ubiravye nta na kimwe mwigisha kiri mu Vyanditswe;mwigisha yuko abagore n'abapfuye bashobora kubasabira hamwe n'ivyobintu vyose; mwigisha kutarya inyama ku wa gatanu, n'ibindi ntazi.Nimubindonderere aho biri mu Vyanditswe !» Yarishuye ati : « Singombwa yuko ivyo bibamwo. Mu gihe ishengeroribivuze, n'uko biba ari ivy'ukuri ! Ico Ijambo ryovuga cose nta co kivuze,igikuru ni ico ekeleziya ivuze. » Ni ho naciye ndamubarira nti : « Bibiliya ivuga ngo ni hagirauwuyongerako ijambo na rimwe canke akariyikurako, Imana na Yongo izomukura ku mugabane wa ca giti c'Ubugingo ». Iryo, ni Ijambo,kandi jewe nizera Ijambo.

31 Ni mwibuke ko tuja kuvuga ku bintu bikuru bikuru gusa. Oh, bene Data,iyo ngiye muri kirya cumba hariya maze ngasigwa amavuta, iyo mbanashobora kwandika ibiba vyose, namaze amezi atatu kuri kimwe muri ibibimatanije ca Gitabo. Gurtyo, ico nkora ni ukubica ku masonga, ngahishuragusa ibikenewe kugira ngo ntibirengere abantu, kandindabivuga neza ku buryo bitabatsitaza, mugabo ni mu buryo bukwiye nyene,kugira ngo, bavyizeye, bishobore gukomerera muri bo. Murabona ico nshaka kuvuga?

32 Ubu rero ni mutege yompi ! Amosi yaravuze ati : « Imana nta co ikoraitabanje kugihishurira abasavyi bayo ivugisha » ! None turabona rero ivyoiriko irakora; hategerezwa kuba hariho ikintu iriko iritegurira gukora; ni icoiriko irahishura ubu.Ndizera ko Imana iriko iritegurira guca amateka. Irikoiritegurira gukora ikintu kanaka. Kandi ico ni ikindi kintu cemeza vyukuriko turi mu misi ya nyuma : turi kw'iherezo ry'Igihe c'ishengero ryaLawodikiya kuko ibi bintu vyategerezwa guhishurwa mu misi ya nyumagusa.

33 Nimuvyibazeko rero ! Ndiko ndagerageza kubinjizamwo ivyo twizera koMpwemu ashaka ko tumenya. Nimwibuke ko Imana ata kintu na kimweizokora itabanje kugihishurira abasavyi bayo ivugisha. Imbere yuko igiraico ikora, ibanza kugihishura, kandi igihishuye, murashobora kwibukaibi : haba hari ikintu kiba kigira gishike ! Ico kiba cahishuwe.

34 Kandi ibi bintu tuvuga vyategerezwa guhishurwa mu misi ya nyuma,imbere y'uko inzamba ya nyuma ivuga, kw'iherezo ry'Ubutumwabw'Umumarayika wa nyuma w'Ishengero. Ni ko biri. Ni mwaba mugombakubisoma, nimurabe mu Vyahishuriwe Yoh. 10 : 1- 7 ; twarahishimikijekabiri canke gatatu ejo ku mugoroba : « … ariko mu misi y'ijwiry'umumarayika w'indwi, ah'azoba agira avuze inzamba, ni ho ibangary'Imana rizoba riheraherejwe… » Haba hasigaye ikintu kimwe gusa mugihe ico Gitabo kimatanishijwe udushashara indwi cuguruwe, aho reroibanga ry'Imana ryose rizoca rihishurwa. Twarabiseranguye mu myaka itarimike, ariko nk'uko Ivyanditswe bivuga ntivyari gushoboka ko tubitahurauyu musi utarashika, kuko vyari binyegejwe. Twarabonye ikigereranyocavyo, ukuntu ivyo bintu vyari bigereranijwe, ariko ivyo ntivyari gushoboraguhishurwa neza igihe ca nyuma kidashitse. Ni co gituma rero ubudutegerezwa kuba turi mu gihe ca nyuma.

35 Nimwibuke kandi ntimwibagire yuko ata co ikora itabanje kugihishura, kandi n'aho nyene ntimwibagire ko igishitsa mu buryo buciye bugufi caneku buryo abahanga n'abanyabwenge batabimenya. Namba mushakakakuvyandika biri muri Matayo 11: 25 , 26.61. Ni mwibuke ko ata kintu na kimwe ikora itabanje kugihishura kandiikagihishura mu buryo buciye bugufi cane ku buryo abanyabwenge bicabibacika. Nimwibuke ko igihe icaha cakora ivyo cakoze, isi yifuza ubwengemu kibanza c'Ijambo. Aho rero ntimuvyibagire. Oo, mbega ukuntutwategerezwa gukenguruka tuvyiyumviriyeko! Nimurabe ngaha muri rinoHema, mwebwe mwarikuriyemwo.

36 Ubu ngira mbaze ivyerekeye amakaseti... Neza cane. Nimubandanyegufata amajwi. Ngomba mbarire gusa ikintu kimwe abantu bo ngaha muririno Hema, mwebwe abari hano : mw'Izina ry'Umwami Yesu ndasavyenshimitse umwe umwe wese muri mwebwe, ngo yerekane ikintu kimwegusa kitashitse mu bintu amajana n'amajana vyavugiwe hano imbere y'ukobiba. Nimumbarire namba ngaha havugirwa ubutumwa canke ahandi aho ariho hose vyoba vyarigeze gushika ikintu yavuze ntigishike neza na nezank'uko yakivuze. Vyari gushobora kuba gurtyo gute iyo kija kubaiciyumviro c'umuntu ? Ntibishoboka.

37 Nimwibuke ko yabonetse mw'ishusho y'Umuco hariya kuri rwa ruzi, mukwa gatandatu kuza hazoba haheze imyaka mirongo itatu n'itatu bibaye.Yemwe abakera, muribuka ico nababarira ku vyerekeye rya Jwi na wa Mucowama unzako kuva nkiri akana gato; abantu bibaza ko noba nsa n'uwurwayemu mutwe; mu vyukuri na jewe nyene vyoshitse nkavyiyumvira iyo hagirauwubimbarira ico gihe. Ariko ubu ntibibatangaza kandi kuva mu 1933ishengero ntirigitangazwa n'ivyo. 64. Kuri wa musi ku nkombe y'uruzi aho nariko ndabatiriza abantuamajana n'amajana, ndibuka ko umusore umwe yitwa Mayer yambariye ati :«Ugiye kubaha akarahuri ga Billy? » Kari ka Jim Mayern. Ubu ndibaza koyapfuye. Ndibaza ko yishwe n'umugore amurashe. Yari yambajije ati : «Ugiye guha abo bantu akarahuri? » Narishuye nti haba na mba! Ngiyekubabatiza mw'Izina ry'Umwami wacu Yesu ».

38 Muri uwo mugwi harimwo umugore umwe. Yaragize ico abivuzekoabwira uwundi mugore ati : «Jewe gufata akarahuri bintwaye iki, ivyo nta co bintwaye.“ Naciye ndamubwira nti : « Ni uje ku ruhande maze wihane. Ntukwiriyekubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo ».67. Si ikintu co gukinisha. Ni Ubutumwa bwiza bwa Kristo, ni itegekoryahishuwe n'Ijambo. Muravuga muti : « Nta bwenge burimwo kandin'ubupfu » birashika ko mwoba mwarabivuze ku kindi kintu; arikonimwibuke ko vyasezeranywe mw'Ijambo ko ibi bizoshika, kandiharavugwa uko bizoba biri kandi ni ko bimeze !

39 Kandi kuri uwo musi nyene, mu gihe bari bahagaze ku nkombe y'uruzi,Umumarayika w'Uhoraho (Umwe nababarira ko yari ameze nk'ikinyenyerikiri kure maze kigaca cegera hafi gica ibibatsi nk'akabuyenge k'igicirokitwa samaragido) yaciye yururukira ku ruzi aho nariko ndabatiriza. Mazerero abantu bikorera utwabo bo mu gisagara baciye bavuga bati : « Ivyobisobanura iki ? » Naciye ndabishura nti : « Nizera ko ivyo bitabaye kubwanje ariko nikubwanyu. Imana yabikoze kubwo inyungu yanyu kugira ngo mumenye kondababwira ukuri ». Kuko nari nkiri umusore w'imyaka nka 21 kandi ivyontibari kuvyizera bivuzwe n'umuntu akiri muto.

40 Mwene Data Roberson, ni umwe muri ba bantu ba kera bacu nabonyehano haciye iminota mike, yarambariye umusi umwe ko yari ari i Houstonigihe ya foto muzi yafotorwa. ...Igihe ca vya biganiro. Nari ntanguye kugiraico ndabivugako kuri wa mugoroba, − Mwene Data Roy yari ari kumwen'uwundi mugabo ari na we muntu wenyene wo muri uwo mugwi yari afiseicuma gifata amajwi : ni mwene vya bindi vya kera vyakoresha umugozi.Umugore wa Roberson yari arwaye bompi ndababona hano). Mwene Data Roy

yari yahoze ku rugamba. Amaguru yiwe yariyaratabaguwe n'ikibombe baca bamutaho bazi ko yapfuye. Yariintwazangabo mu gisoda. Ibombe n° 88 y'Abadagi yari yaguye ku kidugac'indwano yarimwo, yasa n'iyamwishe, yari amerewe nabi ku buryo bamazeumwanya munini bamuhevye bazi ko yapfuye; abaganga bari bavuze koatosubiye gutambuka ukundi kuko yari yakomeretse bikomeye ku maguruyose; imitsi n'ibindi vyari vyarashikiriwe. Ubu ho asa n'uwundushagutambuka neza! Hari habaye iki ? Mwene Data Roberson hari ikintu yari yabonye, acaaja i Houston. Yari yabifatiye kuri vya vyuma vya kera, akaba yashaka kuvyimurira kw'i kaseti kugira ngo aze abibumvishe mwese igihe ibikoranebizoba birangiye, niko nibaza. Kandi ibikorane vyanje vy'i Houstonyarabifatiye kuri ca Cuma ca kera gikoresha umugozi. Ku vyerekeyeumugore wiwe, ejo bundi ni ho yasanze na we nyene yaramufashe amajwi.Uwo mugore yari afise agahinda kenshi; yari arwaye kandi yashaka kuja mumurongo w'abasengerwa (ntibari banzi kandi sinari bwigere ndababonakuva nabaho). Kuri uwo musi uwo mugore yari yicaye i ruhande y'idirisha,aguma yeraguza iruhande yiwe, yiganyira, yataye umutwe, yifuza cane koyoronka ikarata yo gusengerwako kugira ngo ashobore kwinjira mumurongo w'abasengerwa. Ndizera ko yashoboye kuwinjiramwo kuri unomugoroba nyene.Yaciye yinjira mu murongo w'abasengerwa kandi ashitse imbere,Mpwemu Yera yaciye amubarira ati : « Nturi uwa hano. Uva mu gisagaracitwa New Albany. Uno musi wari wicaye hafi y'idirisha, uguma weraguzaimpande zose, wibaza n'umubabaro mwinshi ingene woronka ikarata yogusengerwako ». Kandi vyarafashwe amajwi haraheze imyaka myinshi!

41 Ku ntango y'igikorane Mpwemu Yera yari ari ngaho kandi uwo mushikiwacu yari yashitse ubwa mbere muri ico gikorane; hari abantu ibihumbibitatu gusa, mu gihe twari twarigeze kugira 8000, no kugera ku 30. 000. Mu gikorane kimwe co mu bikorane vya mbere na mbere naravuze nti :« Sinzi igituma ndabivuga (biriko birafatwa amajwi) ariko ibi bizoba biri mubintu nkoramutima mu buzima bwanje. Muri kino gikorane haraja kubaikintu, ikintu ciza cane ata muntu n'umwe yigeze kubona». Maze haciyeimisi umunani canke cumi Umumarayika w'Uhoraho yaciye abonekeraabantu bashika 30.000. Yaramanutse kandi aranafotorwa : iyo foto iri hanomuri kano kanya nyene. I Washington ni ho yemerejwe ko ari yo fotoyonyene y'ikintu kitari bwaboneke mw'isi yigeze gufotorwa.

42 Nari nabivuzeko, murabizi, mvuga ko rimwe na rimwe mpora mvuga mugihe mba ndiko nderekwa ibiri mu bantu nti : « Hari umuntu atwikiriwen'igitutu c'urupfu; yubitsweko igitutu kinini kimeze nk'umutemere. Agiyegupfa ». Koko, ndibaza ko hari muri Southern Pines mu gihe c'igikorane canyuma, umukenyezi umwe yari yicaye aho, maze haza ikintu kiramubariramu gihe nanje nariko ndavugana n'uwundi mugore kiti : « Ca ufotora ubunyene ! » Maze aca arafotora. Ndizera ko hashize igihe gitari gito imanitse ahahora hamanikwa ibindi vyose. Kuri uwo mukenyezi urahabona ico gitutucirabura kimutwikiriye. Uwo mukenyezi yafotora yaciye afata iyindi foto Mpwemu Yera akibimubarira : ico gitutu cirabura cari kimutwikiriye, cari cavuyeho. Narinavuze nti : « Uraja gukira. Umwami yagukijije. Kanseri yagiye ». None ehe, yaciye akira. Ni uko. Ivyo vyose bishika kugira ngo vyerekanekw'Imana izi aho igihe kigeze. Si twebwe. Igikwiye gusa ni ukotuyigamburukira. Twari gushobora gukomeza tuvuga ariko reka dusubire kuri iki ca mberekimatanije ca Gitabo mu kanya gato kugira ngo dushobore kugifatanyan'igikurikira. Turaja kugaruka ku ca mbere kimatanije ca Gitabo mu mwanya muto.

43 Mu kumena ica mbere kimatanije ca Gitabo twasanze Satani yari afiseumuntu ari hejuru y'abandi mu vyo gusenga. Mwarabonye neza wa wundiagendera kw'ifarasi y'igitare bahora bibaza ko ari rya shengero rya mbereryariko riratera rija imbere ? Ivyo vyari vyarigishijwe imyaka itari mike,ariko ivyo ntabwo vyari kumera gurtyo ! Murarabe ibindi nitwamarakubifataniriza hamwe vyose, maze ni ho muzoca mubona aho tugeze. Ubusinzi ibindi ico bizoba birimwo, ariko ndazi ko ivyo bitegerezwa guhurizahamwe kuko ni ukuri. Ni ukuri, ni urusumbane rw'abaganza ishengerory'Uburoma. Ni uko nyene biri!

44 Abantu bibaza ko Abayuda ari ba antikristo mu vy'ukuri, Ukuri bagutayeku birometero amamiliyoni n'amamiliyoni. Ntimukigere mwibaza koAbayuda ari ba antikristo. Amaso yabo yahumishijwe ibigirankana kugirango dushobore kuronka akaryo ko kwinjira, ngo duhabwe igihe co kwihana.Ariko antikristo ava mu banyamahanga. Mu vy'ukuri ni uwishushanyayigana Ukuri. « Anti » bisobanura ngo « uwurwanya ». Uwo mugabo arengeye abandi w'igihangange, oh, mbega ukuntu yacitseumuntu ahambaye ! Kandi uburuhiro ahabwa intebe y'ubwami. Hanyumaamaze guhabwa intebe y'ubwami, aca yambikwa igitsibo. Ariko imbereyuko ivyo bishika... ngira ndababaze ikibazo kimwe : Uwo ni nde ? MbegaPaulo ico yagomba kuvuga mu 2 Ab'i Tesalonike 2: 3 igihe yavuga ko uwomuntu azoza cari igiki? Ni ukubera iki Paulo yashoboye gucisha amaso muBihe vyose agaca abibona? Kubera ko we yari uwavugishwa n'Imana! Nta nkeka!

45 Ni ukubera iki vyari vyaranditswe ko Mpwemu avuga avyeruye ko mubihe vya nyuma hari abazota ukwizera bakifatanya n'impwemu zizimizazikorera mw'ishengero? (Murazi ico « kuzimiza » bisobanura), aha niabarongozi b'amadini, impwemu izimiza y'abo barongozi, ibikorwavy'abadayimoni, uburyarya mw'ishengero, impwemu y'inkazi kandi birarira(ubwenge, murabona, ubugunge, ubumenyi, bafise ishusho yo kwubahaImana (bavuga bati : « ko turi abakristo, twategerezwa gusenga! »), bafiseishusho yo kwubaha Imana ariko bagahakana ivyahishuwe, ubushobozin'ibikorwa vya Mpwemu. Bibiliya ivuga iti : « Abameze bartyo wameubatera ibitugu. »

46 Nimurabe Ivyanditswe, ngo : « Muri bo harimwo bamwe banyengeteramu mazu bagatwara abagore

batagira imitima (ivyo bisigura ko ari abagorebatuzuye Mpwemu Yera), abagore batagira imitima baremerewe n'ivyahabatwarwa n'ukwifuza kw'uburyo bwinshi. Abo bakunda kuja ahantu hosebashoboye kwinyegeteza mu mashirahamwe y'uburyo bwose bakiberahonk'uko bigombeye bavuga bati : « Turaja gusenga. Na twebwe turi bezank'uwundi uwo ari we wese! Baratamba, baraja mu biteramo, bakambarank'uko bishakiye. Bavuga bati : murazi turi abapentekote, bati na twebwetumeze nk'uwundi uwo ari we wese! Oh, ibikorwa vyanyu nyene ni vyobibaranga!

47 Ni murabe ko handitswe ngo : « Ni abantu b'imitima y'akahebwe kuvyerekeye ukuri». Ukuri ni iki ? Ni Ijambo, ari ryo Kristo. Muti : « Oh, uratoteza abagore ! Uranka abagore ! Ukora ibi n'ibi ! » Oya ! Si vyo ! Ni ikinyoma. Sinanka abagore. Haba na mba ! Nibashikanje, ni baba ari bashiki bacu. Ariko urukundo rurahubura. Nirwaba rudahubura nta bwo ari urukundo, ni urukundo rwitwa«phileo», si urukundo rwitwa «agapao», ni jewe ndabibabariye.Urashobora kuba ufise urukundo ruke rwa phileo ukunda umugore kanakaafise ishusho nziza, ariko urwo rukundo agapao rwo ni ikindi kintu. Niurukundo rusubiza ibintu mu buryo kandi rugatuma muhuriran'Imana ku rundi ruhande, ahantu dushobora kubaho ibihe bidashira.Kumbure ko ntabivuga neza, ariko ndibaza ko mutahura ico ngomba kuvuga.

48 Nimwibuke Ivyanditswe ngo : « Nk'uko Yane na Yambure barwanijeMose, ni ko n'abo bagabo barwanya ukuri. Ariko ubusazi bwabo bugiyekugaragara ». Kubera iki ? Igihe Mose yaronka itegeko ryo gukora ikintukigomba kumera nk'intahava, yagikoze nk'uko nyene categerezwa gukorwa.Imana yamubariye ngo yakire inkoni yiwe ace ayiterera hasi ngo na yo iceihinduka inzoka. Yamukoresheje ivyo kugira ngo imwereke ibizoshika.Maze imbere ya Farawo Mose yahagaze neza nk'uko Imana yariyabimugeze; aca aterera inkoni yiwe hasi na yo ica ihinduka inzoka.

49 Sinkekeranya na gatoya ko Farawo yaciye avuga ati : « Ayo ni amayeriyoroshe y'abanyamareba ! » Ni ho rero yaciye ahamagaza Yane na Yamburebaramubarira bati : « Ivyo na twebwe turashobora kubikora. » Baca batererahasi inkoni zabo zihinduka inzoka. None ico gihe Mose ico yari gushoboragukora cari igiki ? Cari igiki ? Ivyo vyaciye bimwereka ko ku kintu cosec'ukuri c'Imana wa murwanizi aba afise uwucigana.Yigana kugira ngoakure abantu mu nzira nziza.90. Mose yaciye akora iki ? Yoba yaravuze ati : « Ewe, ndibaza ko nobanihenze, vyoba vyiza nisubiriye iyo naje mva » ? Oya ! Yagumye ahagazeatekanye, ntiyakoma kuko ico yari yatumwe yari yakiranguye nk'uko kiri.Maze rero muri ako kanya nyene inzoka ya Mose ica iramira za nzoka. Ntimwari bwigere mwibaza namba ico izo zindi nzoka zaciye ziba ?Zaciye zija hehe ? Mose yaciye atora iyo nkoni aca arayijana.Yarayikoresheje ibitangaza. Izo nzoka zari mu yindi nzoka. Mbega siivy'igitangaza ? Cane rwose.

50 Gurtyo rero, antikristo aguma asokorora umutwe ; nashaka ko mubibona.Ubu rero mpindukiriye mwebwe, bagenzi banje b'abakatorika. Nimugumemutekereje akanya gato; hanyuma duca tubona aho Abaporoti na bo bageze,n'aho tugeze twese. Iyo ishengero rya Katolika rivuze ko ari ryo ryabayeishengero rya mbere, riba rivuze ivy'ukuri ; batanguye ku musi waPentekote. Kera ntivyanyorohera kuvyizera kugeza aho nsomeye ibitabobivuga inkuru za Kahise ; ni ho rero nasanze ko vyari ivy'ukuri. Batanguye ku musi wa Pentekote ariko bidatevye baciye batangura gutainzira ; none murabona aho bageze ? Kandi abapentekote ni babandanya batainzira nk'uko bariko barabikora ubu, ntibizobatwara imyaka ibihumbi bibiri! Mu myaka ijana bazoba barayitaye cane kurusha ishengero rya Katorika. Ni ivy'ukuri !

51 Ariko nimwihweze uwo agendera kw'ifarasi y'igitare (ubu turikoturashiraho urufatiro bukebuke kugeza dushitse kuri ico Kimatanije caGitabo). Nimwiyubare cane kuri uwo agendera kw'ifarasi y'igitare ! Igiheyaseruka yakoreye mu ntambwe zitatu. Umurwanizi, nk'uko nabiberetsekuri wa mugoroba, ari mu bikorwa bitatu nk'uko biri no ku Mana ; agumaari wa murwanizi nyene, mu ntambwe zitatu.95. Nimurabe intambwe ziwe : ku ya mbere, Mpwemu Yera yaramanutsemaze abantu basangira vyose. Mpwemu w'Imana yari ari kuri bo kandi iwabo intumwa zamanyagura umutsima zisangira n'abantu kandi harihoibimenyetso bihambaye kandi n'ibitangaza bikomeye vyarakoreka. Arikobidatevye Satani yaciye atangura guhagurutsa imyidodombo. Haciye igihegito abo bashumba n'aboro bo mu gihugu bari barahawe Mpwemu Yerabaciye baja gushinga intahe ahantu hatandukanye kandi bashingira intahe baShebuja.

52 Hashize igihe gito babonye haza abantu b'intwazangabo mu gisodan'abandi banyacubahiro. Abo baciye batangura kubona ubutwari bw'abobantu n'ibitangaza bo n'ibimenyetso vyakorwa. Ni ho baca batangurakwemera ivy'ubukristo. Hanyuma iyo umuntu yinjiye mu vy'ubukristo yacaaja ahabera ibikorane, mu twumba duto duto tutabona kandi dusa nabi ahoabo bantu baguma bakoma amashi, bavuza urwamo, bavuga mu ndimi kandibakahakirira ubutumwa ; ariko ntiyokwigeze yubahuka kubishikirizabagenzi we, canke abantu bakorana, abo bantu ntibari kwigera bizera ibintubivuzwe muri ubwo buryo (habe namba !). Vyari bikwiye rero ko ibintu bisubirwamwo.

53 Nuko rero barakorana maze batangura kwibaza bati : « Tugiye kuzokoraikintu gitandukanye n'icahahora ». Kandi Yesu, igihe ca mbere c'Ishengerokikirangira, yarababariye mu gice ca kabiri c'Ivyahishuriwe Yohana,ati : « Mfise ico nkugayako, kubera ibikorwa vy'Abanikorayiti. » Nikolayitibisigura ngo kwigarurira abanyeshengero. Mu yindi mvugo, aho kurekaabantu bose ngo babe umwe, bashimye kwikorera umweranda. Baciyebashaka kwubakira ishengero ryabo ku vy'igipagani, ivyo bari bajebavamwo

kandi baruhiye kubishikako. Ni mwihweze neza ivyo bintu. Ubwa mbere ni inyigisho y'ikinikolayiti.Muri Bibiliya inyigisho y'ikinikolayiti yiswe antikristo, kuko yari inyuranijen'inyigisho y'inkomoko ya Kristo n'iy'Intumwa.

54 Sinshaka kuvuga izina ry'uwo mugabo ; ni umuntu akomeye. Arikohaciye imyaka itari myinshi ndi mu gikorane yari yagirishije kandi yari aziko ari ho nari ndi kuko twari twaramukanije. Yavuze ati : « Murazi, unomusi turafise abitwa Abapentekote ; bishimikiza Igitabo c'Ivyakozwen'Intumwa. Ariko ico gitabo nta kindi kirimwo atari uko ari icifadikizoc'Ishengero gusa.100. Nimwibaze umushingantahe ameze nka we yize Bibiliya nk'uko yayizehanyuma akavuga ibintu nk'ivyo ? Ivyo ntibiva kuri Mpwemu Yera ; ivyonta na hamwe biri, kuko umuntu wese yiyumvira neza azomenya koIvyakozwe n'Intumwa atari ibikorwa vy'intumwa : Ni ibikorwa vya Mpwemu Yera mu ntumwa !

55 Muri bwa butumwa ku bihe vy'Ishengero, ntimuzi ukuntutwagereranije vya binyabugingo vyari bihagaze hariya, bicungereye yasandugu ari vyo Matayo, Mariko, Luka na Yohana ? Muri ico gitabo usangahadondagurwamwo ivyashitse nk'uko vyanditswe na Matayo, Mariko, Lukana Yohana. Ni igiti cari kimeze ishami rya mbere ; ni vyo vyashitse. Icogiti kiramutse kimeze irindi shami, bazokwandika ikindi gitaboc'ivyakozwe hanyuma y'ico. Gurtyo rero murabona ko hategerezwakubaho ubwo Buzima nyene muri ico kintu nyene.

56 Uno musi iyo turavye amadini yacu, amashengero y'abametodiste,y'ababatiste, y'abaperesibiteriyano, y'abaluteriyano, ishengero rya Kristo(canke ryiyita uko), Pentekote n'ayandi, tuyasanga hehe ? Nta na hamwe.Ndemera ko mu bapentekote ari ho baronka ivyegereye ukuri kurushaayandi kuko bari hano mu gihe c'ishengero rya Lawodikiya. Bari bafiseukuri ariko baragutaye. Barahindutse akazuyazi ku vyerekeye ukuri kandiImana yarabadashwe. Ivyo birahuje neza n'Ivyanditswe. Ivyanditswentimushobora kubigira ikinyoma. Ivyanditswe bizokwama ari ukuri.Ntimugerageze gushigikira ivyiyumviro vyanyu mukoreshejeIvyanditswe, ariko ni muje ku murongo umwe n'Ivyanditswe : Aho reromuzoca mugendana n'Imana. Igitigiri c'ibintu mutegerezwa gukurakocanke kurekera ku ruhande nta co kivuze, ni muje ku murongo umwe navyo.

57 Ni murabe ivyabaye mu gihe c'ukugwa kwa mbere. Kandi rero nambaImana ari uko yakoze ubwa mbere, bikwiye ko ikora nk'uko n'ubwa kabiri. Igihe cose itegerezwa gukora ukwo, atari uko yoba yarihenze ubwa mbere !Murabona, twebwe nk'abantu bapfa turashobora kwihenda, ariko Imana Yontishobora kwihenda. Ingingo ya mbere ifashwe n'Imana iba itunganye ;namba yarigeze gukora mu buryo kanaka ni uko haba hatashoborakubaho ubundi buburusha kuba bwiza. Nta na kimwe ishoboragusubiramwo ngo iryohore kurusha kuko ico ikora cose kibagitunganye uhereye ku ntango. Iyo bitaba ari uko biri Imana ntiyobaye itagira iherezo. Namba itagira iherezo, izi vyose. Namba izi vyose, ishoboye vyose. Amen ! Itegerezwa kuba ivyo vyose kugira ngo ibe Imana. Ntimushoborakuvuga ngo : « Yarushirijeho kumenya ». Nta bindi yongeye kumenya kukoYo nyene ni Yo soko y'Ubwenge bwose. Ubwenge bwacu bwa hano kw'isibuva kuri Satani. Twabuherewe mw'itongo ryo muri Edeni hamwe twafataukwizera tukagukaba n'ubwenge. Eva ni we yakoze ivyo.

58 Gurtyo ubwa mbere yabanje kwitwa antikristo. Mu ntambwe igirakabiri yaciye yitwa umuvugishwa w'ibinyoma, kuko iyo mpwemuyamanutse ija mu bantu ari naho yaciye yambarira umubiri. Muribuka koumwe agendera kw'ifarasi y'igitare ata gitsibo yari afise igihe yariahagurutse; ariko hanyuma yaciye ahabwa igitsibo. Kubera iki ? Kuko ubwambere yari impwemu y'Ikinikolayiti. Hanyuma ica yambara umubiriw'umugabo umwe, ironka intebe y'ubwami ica ibona kwambikwa igitsibo.106. Imaze igihe kirekire ikora muri ubwo buryo, nk'uko tuzobibona mukumena Ibimatanije ca Gitabo kandi tubona ko haciye igihe kirekire Sataniazoca yirukanwa akava mw'Ijuru. Dukurikije uko Ivyanditswe bivugaaramanuka kw'isi ari na ho we nyene aca yicara ku ntebe y'ubwami ubwiwe nyene. Nimwibaze kubona aca yicara ku ntebe we nyene ubwiwe mukwinjira muri uwo mugabo maze rero agaca abona kuba igikoko. Arafise ubushobozi, ubushobozi kanaka buhambaye, ubwo akoresha ibitangazavyose n'ibindi, yica, akarwana intambara zisesa amaraso n'ibindi vyose uburoma bushoboye gukora.

59 Ni ivy'ukuri ! Yaricisha abantu akoresheje ibihano bibabaza vy'Uburoma. Oh, mbega imirongo yo mu Vyanditswe twoshoborakwerekana ibivugako ingana gute !Nimwibuke ko Yesu Kristo yishwe hakoreshejwe igihano c'Abaroma,igihano co kwicwa. Ubutumwa mfise ku mutima nzokwigishiriza ngaha mu gikorane co ku wa Gatanu Mweranda buhagarariye kuri ano majambo anengo : « Bamubambaho ». Ho : ahantu ha mbere ho mw'isi hera cane,h'abasenga kurusha ahandi, i Yerusalemu. Ba : ni ukuvuga ko ari ihangaryibaza ko ari iryera kurusha abandi bo kw'isi, ari bo bayuda. Bamubamba :Igihano kibi kibaho, Uburoma bwakoresheje. Bamubambaho : We, ivyovyabaye gute ? Umuntu arusha abandi ubwiza yigeze kubaho !BA — MU — BAMBA — HO ! Oh, bene Data !108. Imana imfashe gushobora kwinjiza ivyo bintu muri uwu mugwiw'abantu bikorera utwabo kugira ngo ndabereke ivyo barimwo. Si ukongomba kudahuza n'abandi canke gukora ivyo badashima, ariko ni ukugirango ndabanyiganyize kugeza aho abo bene Data bashobora gutahura koababakuru babo na ba « Data mweranda » babo n'abandi bavuga mukinyamakuru c'abantu bikorera utwabo ari ubupfu. Abakristo ntibakwiyekwita umuntu uwo ari we wese «Data ». Naragerageje kubafasha ukonshoboye kwose(murabona aho ayo makaseti aja), ariko birarangiye ! Singombakuzokwongera kugira aho duhurira na vyo.

60 Ni mwibuke, ubwa mbere na mbere hari Kristo. Ikintu ca mbere gikurikira, ni inyigisho y'Abanikolayiti. Igihe c'Abanikolayiti cashaka iki ?Cashaka kwikurako abo bantu bavuza urwamo, bagakoma amashi mazebakagira inyifato iboneka ko itanejereje, nk'uko babigize ku musi waPentekote, bagakora nk'abantu baborewe, badandabagiranishwan'ubushobozi bwa Mpwemu Yera n'ibindi. Nta na kimwe bashaka muriivyo vyose ! Bavuga ngo abo bantu baborewe.110. Maze rero mu gihe abanyacubahiro… (ni mwumve neza, ntibibacike !ibi bishobora kubabera nk'aho ari ubupfu, ariko ni ukuri), igihe abantub'abanyacubahiro bari batanguye kuza ntibashoboye kwicisha bugufi ngobabishikire. Igituma Imana iba Nkuru ni uko ari Nkuru bihagije ku buryoIshoboye no kwicisha bugufi. Ni co kiyigira Nkuru. Nta muntu n'umweabaho ayirusha ubukuru, ariko yaricishije bugufi ishika hasi cane ku buryoata n'umwe yari gushobora kubikora kandi nk'uko ata muntu n'umweyigeze kubikora. Yari wa Mwami w'Ijuru yamara yaje mu gisagara kirushakuba igikengeretse kw'isi yose, ari co Yeriko. Yaricishije bugufi cane ku buryo n'umuntu mugufi cane wo mu gisagara mu kumuraba yategerezwakwunamika amaso kugira amubone ! None si vyo ? Zakayo ! Ni ko biri !Bamwita amazina mabi kurusha ayandi yose abaho bokwita umuntu ;Umunyamareba, idayimoni, Beyezebuli : Ivyo ni vyo abantu bamwibazako.

61 Yapfuye urupfu rurusha izindi ububi. Ntiyari afise ahantu na hamwearambika umusaya. Yari yarashibuwe n'amadini yose. Ariko Imana yaciyeimudugana hejuru cane ku buryo mu kuraba ijuru abanza kwunamika amaso.Imana mu kwicisha bugufi. Kandi yamuhaye izina ryiza cane ku buryoumuryango wose wo mw'Ijuru uryitirirwa co kimwe n'umuryango wosekw'isi. Imiryango yose yo kw'isi yitirirwa « Yesu ». Imiryango yose yomw'ijuru yitirirwa « Yesu ». ni Izina amavi yose azopfukamira kandin'indimi zose zikazokwatura ko ari Uhoraho, haba hano canke i kuzimu. Nakuzimu nyene kuzopfukamira iryo Zina. Ibintu vyose bizokwikubita imberey'iryo Zina. Murabibona ! Ariko habanje kuba guca bugufi, hanyumahakurikira gushirwa hejuru. Ni abe ari Imana ishira hejuru. Uwicisha bugufi,Imana izomushira hejuru.

62 Gurtyo rero turabona ko iyo mpwemu y'«abaniko-» yaronderaubwenge, ubukerebutsi burushirije. Vyayisaba gutahurisha ubwenge nk'ukoEva yabigenjejeje, ikiyumvira ikoresheje ubwenge bunyuranye n'Ijambory'Imana. N'ishengero na ryo nyene ryariyanjanjweko rica rirafatwa. Vyariibiki ? Nk'akarorero dufate iri shengero nyene n'umugwi w'abantu nka twemaze twibaze ko tutoba vyukuri twuzuye Mpwemu Yera. Twongere dufateko umukuru w'igisagara… Yoba akiri wa mushingantahe Bottorff ? Aracariumukuru w'igisagara ? Uwo mushingantahe Bottorff ni umwe mu bagenzibanje. Ariko rero dufate ko umukuru w'igisagara, abapolisi biwen'abakomiseri biwe baza hano. Dufate ko bafise ikintu mu mitwe yabo,bagatangura kubarira inama nkuru y'ishengero, hanyuma bakabarira abantubose bari hano, bati : «Murazi ? Ivyo vyose si uko vyategerezwa kumera ! »Mubaye mutuzuye Mpwemu maze imbere yanyu harya havugirwaubutumwa hakaba hatagira umuntu ahahagarara yuzuye Mpwemu Yeravyukuri muzoca mukurikira ivyifuzo vyabo, kumbure ko rutoba ururunganwe, ariko rukaba ari uruzokurikira.

63 Uko ni ko vyotangura. Kubera iki ? Kuko bavuga bati : « Raba, ivyo niibintu vyumvikana » Bobumvira. Dufate ko umuntu yoza hano akavuga ati :« Uru rusengero ruraga cane. » Twubake urusengero rwagutse cane.Nzorububakira ku giciro kingana uku na kuno, igice c'imiliyoni y'amadolari azoshirwa muri iki gikorwa. Ngira ndabimenyeshe hose » Mu gihe bakozeivyo, ibice icenda kw'icumi baca bakora bakurikije amaronko. Ubwo nyene, aramutse abikoze, azoca arongora ibintu akurikije ukoashaka. Ntimushobora kugira ico muvuga na kimwe kuko mwene DataKanaka ari we ajejwe ikigega c'ishengero. Hanyuma muzoca mugiraka « Ricky » kazoza kavuye muri seminari, ivyo kazi ku Mana binganan'ivyo umunyagihugu w'umwungere wo muri Afrika y'epfo azi kuvyerekeye imibereho yo muri Egiputa ; kazoza maze gashitse ivyo uwomugabo yifuza kuko uwo azokwama amugurira amamodokari mashashan'ivyo azoba yipfuza vyose. Neza na neza uko ni ko vyatanguye. Niivy'ukuri.

64 Ni murabe ibi : ubwenge n'ubukerebutsi . Bavuga bati : « Tubandanyerero, none ivyo bintu ntivyumvikana ? None abagore bacu bisokoje muri ububuryo canke buriya hariho itandukaniro bizana ? » Ariko Bibiliya ivuga koivyo bituma habaho itandukaniro. Nimufate ico kintu conyene mu bindibishika amajana. Ivyo birafise ubudasa. Imana yavuze ko ivyo bitumahabaho itandukaniro, kubw'ivyo rero itandukaniro ririho! Arikomurabona, namba batanguye gukora uko (Inama y'abashingantahe,y'abadiyakoni, n'abandi), ubwa mbere na mbere muzobona Pasitoriatavyinjiyemwo, azoca yigira, ni uko biri. Ivyo bintu bishirwaho n'amatoray'ikoraniro.

65 Ni uko. Nimurabe ukuntu iyo mpwemu yatanguye kugendagendan'ukuntu ishengero ryari rifise abanyacubahiro benshi n'ibindi bintu muriryo kandi rikaba ryari rifise amafaranga menshi, ryaciye ubwo nyeneritangura kuyumvira rica ryemera ko iryigarurira. Ng'ubwo ububibw'umurwanizi ! Neza na neza ico ni co Eva yakoreye muri rya tongo ryaEdeni. Ivyo nimuvyumve neza ! Ni ukuri ! Nimurabe umugore mu buryo bw'umubiri, wa mugore wa Adamu,imbere y'uko amwabira nk'umugore wiwe, yaciye yiyanjanjwako afatwan'ubugunge bwa Satani yariko ararwanya Ijambo ry'Imana akoreshejeakenge. Imbere y'uko Adamu na Eva babana nk'umugabo n'umugore,Satani yaciye abajaniranya. Ni ivy'ukuri ! Mwarumvise ubutumwa navuzekuri ca « Giti c'Umugeni » aho nsigura ivyo bintu. Ubu nimurabe ibi : Eva yararetse atwarwa n'akenge. Satani yageragejegukoresha akenge. Eva yishuye ati : « Ariko Uhoraho yavuze ati … » Yaciye avuga rero ati : « Oh, mbega urazi, habe n'intete, Uhoraho ntavyo azokora. Ukeneye ubwenge, hari ikintu ukeneye kumenya. Turabe ! Uri akana ataco kazi. Wategerezwa kuronka ubumenyi ». Ng'uyo Satani

!Ng'abo bamwe bamwe muri ba bantu b'igihe ca none… Bavuga bati : « Oh,ni umugwi w'abakavya ! Ntimukavyiteho na mba ! »

66 Gurtyo rero imbere y'uko umugabo wiwe amwabira, umugore wambere wo mu bantu yaciye ava mu buntu kubera yumviye vya binyoma vyaSatani kandi Imana ubwayo yari yamurindiye mw'Ijambo ryayo ! Iyo uwomugore aja kuguma mw'Ijambo ntiyari kwigera agwa. Nimurabe koivyo bintu vyabaye mu bintu vyo mu buryo buboneka, umugore asanzwe.None wabaye uwuhe muvumo ? Umuvumo nyakuri wabaye uwo kuvamw'Ijambo ry'Imana.122. Nimwibuke ko uwo mugore yaryizera nko ku bice mirongo icendan'umunani kw'ijana, ariko kwirengagiza ikintu kimwe gusa kari kabaye.Yaryizera igice kinini. Nta nkeka ! Yarabivuze maze na Satani aremera koari ko vyari biri. Satani ashoboye kubashira mu mbombane gusa, ivyo ni vyoaba arondera vyonyene. Igikenewe gusa ni ugukoma gato umunwa w'inkohokugira ngo urusasu ruhushe icari kuraswa. Ni uko. Igice kinini c'Ijambo Evayaracizera ; ariko n'aho vyari bimeze uko, yarahushije intumbero.

67 Icatumye ashika kuri ivyo vyamubayeko ni uko yataye Ijamboakarikaba akabuto gato ko kwiyumvira. Mwovuga muti : « Mbega bimezebite ku bagore ? Ni ukubera iki mugomba kuvuga nk'uko ? Namba ari cokimenyetso ca mbere canke atari co itandukaniro riri hehe ? Ivyo birafise icobisigura! Birakwiye ko ivyo bintu bisubizwa ku murongo.Twaragereranije ivyo bintu vyose mu gihe nka cose co mu Bihe ndwivy'Ishengero, ariko igihe kirashitse c'uko Imana yivugira. Yo ntibivugagusa ariko iranavyerekana ikavyemeza kandi ikabigaragaza. Niivy'ukuri! Itabikoze, ntivyoba biva ku Mana, rero nta bindi! Imanaiherekeza Ijambo ryayo.124. Nimurabe ibi rero. « Wa mugore w'inyama n'amaraso » ni we yabayeinkomoko y'urupfu rw'umuntu kuko yahisemwo kwumvira iciyumvirokimuha ubwenge aho kuguma inyuma y'Ijambo ry'Imana no gukora icoyamubwira. Yifuza kuronka ubwenge maze ivyo bica bituma atega amatwiivyiyumviro, gurtyo aba ajanye abantu bose mu mahonero.

68 Ubu rero ni igihe « c'umugore wo mu buryo bw'impwemu », Umugeniwa Kristo, yatanguye ku musi wa Pentekote atanguranye n'Ishengero ryambere ry'intumwa. Ca kintu nyene ryaciye rigitakaza mu Nama nkuru y' iNikaya (Lee, urazi ko ari ukuri), ca gihe ryafata ivyo kuba samuragwakw'abana b'imfura mu buryo bw'impwemu rikabikaba n'amashengeromanini manini y'umwami Constantin n'ivyo yabahereye aho. Ryaciye rifataukuba samuragwa kwaryo guhuje n'Ivyanditswe ribukaba n'agapakik'imigenzo y'abaroma. Ku bakatolika biragoye kwumva, yamara kandin'abaporoti bakoze uko nyene ! Muri Bibiliya berekanwa nk'umukobwa,umukobwa wa malaya. Ni ukuri gushitse ! Umwe umwe muri bo ! Nta cobafise bireguza ; ariko hanze y'ivyo vyose hama hariho amasigariramake, uko Ibihe vy'Ishengero vyagiye bikurikirana, yateguriwe kubaUmugeni. Nimumenye ko Eva yatakaje ivyo kuba samuragwa imbere y'ukoumugabo wiwe amwabira ; yaciye atakaza ubukumi imbere y'ukwabirwa.

69 Muribuka ko mu Gihe ca Lawodikiya ryavuga ngo : « Ndi umukirendatunze kandi nta co nkenye, isi yose impanze amaso. Ndi Ishengero rininikandi ryeranda » n'ibindi bikurikira. Ariko We yishuye ati : « Ntuzi ko ariwewe mutindi wafutanye, umworo kandi ugenda amenya ! » Ng'uko ukworimeze ! Namba Mpwemu Yera yaravuze ati : « Uku ni ko rizoba rimeze mumisi ya nyuma», ni uko nyene. Nta buryo buriho bwo kubivamwo. Nimwihweze neza ibi. Ca gihe ryari rigurishije ivyo kuba samuragwakwaryo, ari na bwo burenganzira kw'Ijambo ryahabwa n'inkomezi zaryo,ryaciye rikora iki ? Igihe Eva yabikora, yaciye atuma ivyaremwe bizimira.We n'ivyaremwe vyose vyaciye bigwira rimwe. Ni murabe ko n'igihe Ishengero ryabikora, rikemera imigenzo aho kwemera Mpwemun'Ijambo, ivyo vyatumye uburyo bwose bwo gukora buvumwa.Uburyobwose bwo gukora bw'amadini bwabayeho canke buzobahobwavumanywe n'ivyo buca buragwa kuko ata yindi nzira iriho.

70 Iyo umugwi w'abantu ugiye hamwe kugira ngo ugire imigambi, umweyiyumvira ukwiwe, uwundi akibaza ukwiwe n'uwa gatatu na we akiyumvira ukwiwe. Ivyo vyose bagaca babikoraniriza hamwe, bakabivanga neza, mazemuce muraba igica kivamwo! Neza na neza ni ivyo bakoze muri ya Nama nkuru y'i Nikaya. Ivyo nina vyo vyakozwe mu bametodiste, mu Baperesibiteriyano, mw'idini ryitwa « Ishengero rya Kristo » n'ayandi yose. Kandi abo bose, naho Imanayobahishurira iki, bategerezwa kwigisha ivyo nemera zabo zivuga atari ukona ho baca babaca. Ntimumbarire ngo si uko biri, naragiye aho hantu ;ndabazi neza ! Kandi neza na neza ivyo ni vyo vyashitse. Ni co gituma ubwoburyo bwose bakoreramwo bwavumwe.

71 Ntibitangaje kubona wa mumarayika yaravuze ati : « BANTU BANJE ,NI MUVE I WE, KUGIRA NGO MWOYE GUFATANYA N'IVYAHA VYIWE,MWOYE GUHABGA KU VYAGO VYIWE » ! Kuko ryaravumwe,ritegerezwa kuzokwemera umuvumo w'uburake bw'Imana uzorizako kukoryagurishije ubukumi bwaryo n'umurage waryo. Oh, bene Data ! Imana yariyarasezeranye muri Yoweli 2 : 25, nimuvyibuke, ariko nimurabe uko rizobarimeze mu misi ya nyuma mu gihe yavuga Iti : « Imiranga y'inzige zikegetayariwe n'izararaye ; imiranga y'izararaye yariwe n'izitaragurika ; imirangay'izitaragurika yariwe n'ziyigiza…» n'ibindi ; utwo dukoko twaraje kamweinyuma y'akandi tuza kurya iryo shengero kugeza hasigaye igishitsi gusa.

72 Ni murabe ibi : Ivyo Abaroma basigaje, Abaluteriyano barabiriye ; ivyoAbaluteriyano basigaje, Abametodiste barabiriye, ivyo Abametodistebasigaje, Abapentekote barabiriye kugeza hasigaye agashitsi gusa. Nonemurabizi ? Nimurabe utwo dukoko twose, izo ziyigiza, izo zitaragurikan'izindi zose,

muzikurikirane mu Gitabo cose maze murabe ko atari kagakoko nyene, ariko gusa kagenda gahinduka uko gakura. Ico mugifate nkama : ni ko bimeze no kuri ivyo Bimatanije ca Gitabo ;ka gakoko nyene ! Muzobibona nitwakerekana. Ni co gituma mbayendabibabwira ubu. Kaguma ari ka gakoko nyene, igihe cose. Udukokotune : Aha, kane ni ikintu kimwe gusa, ni ya mpwemu imwe. Ico kamwegasigaje akandi karakirya. Ico aka na ko gasigaje, aka kandi gacakakirya, gurtyo gurtyo kugeza igiti gisigaye ku gishitsi gusa. ArikoYoweli 2 : 25, avuga ati : « Kandi nzobashumbusha iyo myaka mwamazeinzige zisanganguye ivyanyu…»

73 Ni ibiki ? Izobikora gute ? Iyo mpwemu yari isanzwe ari antikristo,irwanya inyigisho za Kristo, ikemera imitegekere aho kwemera Ijambo. UkoIbihe vyagiye bikurikirana, bamwe baringaniza ukundi gusha ivyo gusengabaraseranguye ivyo bintu, ariko Bibiliya ivuga ko « … mu misi ya nyuma,mu misi y'ijwi ry'umumarayika w'indwi, ah'azoba agira avuze inzamba, niho ibanga ry'Imana rizoba riherahejwe…» (Ivyahishuriwe Yoh. 10 : 7). Malaki 4 havuga ko izorungika Eliya, imbere y'uko uwo musiuteye ubwoba ushika kw'isi, igihe izoyitongoza umuriro nkomw'itanure kandi ikazoshumbusha, igatako ikagarukana abana kukwizera kw'intumwa kw'inkomoko kwo ku musi wa Pentekote yariyarasezeranye kuzosubizaho ! Ivyanditswe ntibishobora kubitomoragusumvya aha. Ivyo vyarasezeranywe. Kandi ni twaba turi mu misi yanyuma, hari ikintu gitegerezwa gushika ; kandi kiriko kirashika, kandi turikoturabibona.

74 Nimwihweze ubutatu bwa satani : wa muntu nyene araza agumaahindura umubiri yiyambika. Uko ni ko utwo dukoko twakoze, utwodukoko, tugenda turihindura. Koko ! Inyigisho z'ikinikolayiti : niantikristo mu buryo bw'impwemu ; Papa : ni wa muvugishwaw'ikinyoma ; igikoko : ni wa murwanizi ubwiwe yambaye umubiri. Ivyobintu rero ntimuvyibagire. Nimwakurikirana ibi muraja kubona ko bamwebagendera kw'ifarasi bakora uko nyene. Ngira ndabereke ishusho ; iyo mbanashobora gucapura ku kibaho, mwobitahura neza. Murabona, ndikondavyihweza.

75 Ubwa mbere mwibuke ibi : Mu gutangura yatanguye ari impwemu yaantikristo.Yohana yarabivuze ati : « Bana bato, impwemu ya antikriston'ubu iramaze gukora ikorera mu bana b'intabarirwa » ! Murabona,urubuto rwari rutanguye kumera ! Hanyuma ruca ruba ikintu kanakabavugavugako mu gihe c'Ishengero cakurikiye. Mu gihe cakurikiye, rwaciyeruba inyigisho maze mu gihe caciye gikurikira ruca rwambikwa igitsibo.Mbega ntivyanditswe bitomoye neza ? Ivyo ari vyo vyose murashoborakubisoma. Uko niko yashitse. None agitangura yiswe ngw'iki ? Yiswe impwemuya antikristo kuko yarwanya Ijambo. Ico ni co cabaye intango. Ubwo ni bwoburyo bwonyene bakoramwo, bwabaye ubwo gucisha i ruhande y'Ijambory'Imana. Si uko umusi umwe Eva yoba yarakubise urushi Kayini ! Si ivyo.Icatumye ivyo vyose biba ubwa mbere na mbere ni uko Eva yaciye kubirin'Ijambo. Yaciye aca kubiri n'Ijambo ! Kandi ikintu ca mbere na mberecatumye ubusambanyi butangura mw'Ishengero ry'Imana Nzima, ariryo Mugeni wa Kristo, ni uko ryagiye kure y'Ijambo ry'Imana mazerikemera imitegekere y'i Roma mu gishingo c'Ijambo ry'Imana. Noneicagiye gishikira amadini yose ni igiki ? Na yo nyene yakoze vya bindi nyene.

76 Ariko yarasezeranye ko mu misi ya nyuma izotanga uburyo bwogusubizaho ibintu vyose. Ijambo ry'Uhoraho rizosubira kuza kw'isi nk'ukoryaje ku ntango maze rigasubizaho vyose. Rizosubizaho iki ? Icaricaratanguye kurwanya Ijambo ni igiki ? Kandi uwo mugabo ni yazaazotegerezwa gukora iki, uwo azoba yarobanujwe amavuta na Mpwemuw'Imana ? Aca asubiza ukwizera kw'abana ku kwa ba se gusa. Uko niko asubizaho vyose.140. Kandi iryo Jambo nyene riri muri ca kibanza nyene rizokora vyabikorwa nyene. Yesu yaravuze ati : « Unyizera azokora nk'ivyo jewenkora ». Igihe bamusaba gukora ibintu bimwe bimwe yaciye avugaati : « Nkora ivyo Data anyeretse gusa. Nta co nkora na kimwe Data atabanjekukinyereka. Ico mbonye Data akora ni co nanje nkora. Data arakorahanyuma nanje ngaca ngira nk'uko yakoze ». Ntimutahuye ? Ni nk'ukohosomwa ikinyamakuru !

77 Yaciye iba antikristo. Ariko ntiyari kuba antikristo atari mu buryobw'impwemu gusa. Ica iba antikristo rero maze iyo mpwemu ica yinjiramu muntu yigisha ibisa n'ivya ya mpwemu ya antikristo. Hanyuma aca acika umuvugishwa w'ikinyoma w'impwemu ya antikristo. None ububiri gute ku muntu ari mw'idini ? Ni mukore uko mushaka ! Sinzi icomuvyibazako !142. Uburuhiro azocika Igikoko. Nimurindire tuzobibona hanyuma. Ni uko.Ubutatu bwa Satani bumeze uku (aguma ari Satani nyene) : impwemu yaantikristo (impwemu ya antikristo yambaye umubiri), umuvugishwaw'ikinyoma, hanyuma aca aba ca Gikoko. Ntabwo ari idayimoni iri muriantikristo, ariko igihe Satani azoba yaterewe hanze, ni we nyene acaamanuka agaca aja mu kibanza cahoramwo iyo dayimoni. Ni wa murwaniziaba ari muri we. Nuko rero uwo murwanizi aca yambara umubiri w'umuntu.Ico bikora, ivyo biguma bugaruka !

78 Uko ni ko Yuda Isikaryota yari ameze. Yakoze iki ? Yoba yari ariumwe mu barwanya Kristo ? Oya, kuko yari ajejwe kubika amafaranga !Yagendana na We ! Cane nyene ! Yaguma agendana na bo, yaragendagusenda amadayimoni kandi agakora nk'ivyo abandi nyene bakora. Kristo yari Imana yambaye umubiri, Imana yaje yambaye umubiri,Imanuweli ; ariko Yuda we, yari umwana wo kuranduka mu gihe Yesu Weyari Umwana w'Imana. Ku ruhande rumwe yari Imana yambaye umubiri, ku rundi na rwo yari wa murwanizi yambaye umubiri. Bamwe bamwe nta kindibashobora kubona atari imisaraba itatu gusa muri ca gihe. Yamara harihariho ine. Hariho itatu dushobora kubona i Gologota. Yesu yari hagati, arikumwe n'umwambuzi umwe i bumoso bwiwe n'uwundi na we ari i buryobwiwe. Ariko nimwihweze ibi. Umwe muri abo bambuzi yabariye Yesu ati : « NAMBA » (Murazi koari We Jambo), « NAMBA »Uri Jambo, ni ukubera iki

utokwikiza wewenyene ? Ni ukubera iki utagira ico ukora ? » Ni na ko biri n'uno musi.

79 Ntimumaze kwumva ya madayimoni ya kera aza avuga ati : « Nambawizera ko Imana ikiza indwara, aha hariho umuntu atagira amaso : niukubera iki utomuhumura amaso ? » Canke ngo : N'unteze uruhumyi !N'unteze uruhumyi ! » Iguma ari ya dayimoni nyene ! Ngo : « Niwimanureku musaraba maze duheze tukwizere ! Ni waba uri Umwana w'Imana,hindura aya mabuye abe umutsima ! » Ni ya dayimoni nyene ! Nyabunanimubaje kure, uko ni ko na Yesu yakora ; ntiyigeze agira icobatwenza nakimwe. Baciye bamutwikiriza igitambara mu mutwe, mu maso yiwe y'agaciro,maze bafata inkoni, bayimukubita mu mutwe, baraheza bavuga bati : « Niwaba uri uwuvugishwa n'Imana, ni utubwire ugukubise uwo ari we(bakaguma bahanahana iyo nkoni). Tubarire uwugukubise maze twizere kouri uwuvugishwa n'Imana. » Ariko ntiyigeze yugurura umunwa. Yagumyeari aho gusa. Nta bintu vyo kubatwenza yakoze. We yakora ico Data yabayamweretse gusa. Nimubareke bajane inzira yabo, igihe cabo kizoshika ntaco bitwaye!

80 Na bo nyene barakoze ku mpuzu yiwe, ariko ntibigeze bumva ko hariubushobozi na buke bwomuvamwo ; yamara wa mugore yari afise icoakeneye yakoze ku mpuzu yiwe gusa. Kandi Uwo ahindukiye yavuzeati : « Ni nde yankozeko ? » Mbega gukorako kudahuye n'ukwo kundi !Vyose biva ku « kuntu » mumukozeko, murabona, ivyo biva ku co mwizera. Gurtyo rero amaze kwiyerekana nka antikristo, Satani yaciyeyiyambika umubiri muri wa muvugishwa w'ikinyoma. Mu gihe c'Abayudani antikristo mw'Ishengero rya mbere. Mu gihe c'umwiza aca abaumuvugishwa w'ikinyoma mw'isi. Ico ni co ca gikombe c'ibihumanya. Ivyobiraba vya Bihe vy'Ishengero.

81 Ariko mu gihe kigiye kuza, Ishengero rimaze gutaha i muhira, aca abaIgikoko. Aca aba wa murwanizi yambaye umubiri, ca gisato gisan'ikibengebenge ubwaco. Oh, bene Data ! Murashobora gutahura ico nshakakuvuga. Aho rero aca yiyambika umubiri mu bantu biwe. Abantu biweabagumya ababohesheje ububasha bwiwe. Uwo muvugishwa w'ibinyomayabibinjijemwo kubw'ivyo avugishwa vy'ibinyoma, abasukakoubuzimire bwinshi butuma bizera ibinyoma kandi bukazotumabacirwako iteka, bukabatera guhakana Ijambo ry'Imana bafise ishushoyo kwubaha Imana.151. Imana, ivyayo ibishinga mu bikorwa bitatu, ari vyo vy'ibi :Gutsindanishirizwa, kwezwa, hanyuma ubwayo igaca yambara umubiri mubantu bayo biciye mu mubatizo wa Mpwemu Yera. Na wa murwanizi ni ukoakora nyene. We ni umwiganyi aza yigana Kristo. Oh, Satani na we nyeneariyambika umubiri !152.

82 Nimwumve neza ! Iyo Yesu yiyambitse umubiri w'umwe mu biwe, ubugingo nyene bwari muri Yesu buba bubaye muri uwo muntu. Vyogendagute mu gihe mwofata ubuzima bw'igiterwa c'umuzabibu mukabushira mugiterwa c'umwungu ? Ico nticoba kicama imyungu : Coca cama inzabibu.Vyomera gute mu gihe mwofata ubuzima bw'igiti c'amapeshe mukabushiramu giti c'amapware? None ico coba kicama amapware? Oya, cokwamaamapeshe. Ubuzima buriyerekana ubwo ari bwo. Iyo mwumvise abantu bavuga ko bafise Mpwemu Yera, maze nahobiri uko bagahakana Ijambo, haba hari ikintu kitagenda neza! MpwemuYera ni We yanditse iri Jambo. Yesu yaravuze ati : « Umuntu ni yabaafise Mpwemu wanje muri we, azokora ivyo nkora! » Ni mwabamushaka kuhandika, biri muri Yohana 14 : 12. Neza cane. « … Unyizera,ibikorwa jewe nkora na we azobikora : kandi azokora ibibiruta, kuko jewengiye kwa Data ».154. Ubwo rero aca amweza akamwoza rwose ku buryo ashoboraguhagarara imbere y'Imana. Ka kama ka rya rangi gaca karwa aho nyene :Agaca amujabutsa ya manga. Murabitahuye?

83 Ni murabe n'ibi! Mu gihe Satani yiyambitse umubiri mu biwe, abo nabo baca bakora ibikorwa nka we nyene. Ntimubibona? Yakoze iki? Yaje kumugore ata co azi aca aramuhenda. Ico ni co nyene amadayimoni amweamwe akora. Ahora yinjira ahantu Pasitori yatanguje ikintu akamubarira ati: "Oh! ese iyo uja kuba washaka kwifatanya na twe!" Ni ca gikorwa nyene cawa murwanizi! Ukwo ni ukuri!156. Igihe Satani yiyambika umubiri mw'ishengero ryiwe, namba ririmwoabadayimoni, ari na yo akora ivyo bibi vyose, ubwo bwicanyi n'ibindi kukouhereye kuva kera Satani yamye ari umwicanyi, ari umubeshi n'igisuma.157. None rero Satani ico akora ni igiki iyo yinjiye mu bantu? Ategerezwakuba afise ubugunge. Ni ingunge. Nimusesangure muri Bibiliyamunyereke aho Imana yigeze gukoresha incabwenge. Nimuronderemurabe ko incabwenge atari zo zamye ziganzwa n'umurwanizi. Irijambo riragumye, ariko ni ukuri. Ndabahanuye ndabinginga ngomukurikirane uruvyaro rwa Abeli n'urwa Kayini, n'ibisekuru vyabouko ari cumi na bine; nimubikurikirane maze murabe aho dusangaabanyabwenge n'abahanga aho ari ho muce muraba n'aho dusangaabaciye bugufi.

84 Ni ukubera iki Yesu atahisemwo abantu nk'abo? Yafashe abarovyin'abantu batari bazi no kwandika amazina yabo aba ari bo agira abakurub'Ishengero ryiwe. Ni ukuri. Ubwenge nta co buvuze. Burwanya Kristo.Ubwenge bw'isi bwama burwanya Kristo. Yesu ntiyigeze atubarira ngotuje kwubaka za seminari (na We nyene ubwiwe nta vyo yigeze akora)canke ngo dushinge amashure y'ivya Bibiliya. Yavuze ati : "NimuvugeIjambo, muvuge Ubutumwa bwiza." Kubw'ivyo namba yaravuze ati :"Kand'ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera n'ibi : ...'', ni co kimwen'uko yari kuba yavuze ati : " Enda nimugende, mwerekane ibigaragazaubushobozi bw'Imana ku mahanga yose."159. Ibi nimubizirikane : Igikorwa ca Satani ni ico gucurika Ijambory'Imana kugira ngo arihindure ribe iciyumviro kivuye mu bwenge. Oh,bene Data! Hanyuma aca ashira ikimenyetso ku bantu biwe mu gutumabashibura Ijambo ry'inkomoko. Mwoshobora kunyemerera kuntega yompimu kanya gato kugeza dutahuye ivyo bintu? Sinoshima ko vyobacika.Nimureke ndabereke ikigereranyo cavyo kugira ngo mubone ibintu nezadukoresheje

ibigereranyo vy'Ijambo n'ibindi. Ntimukwiye kuva hano mufise amadidane.

85 Mw'Isezerano rya Kera, mu gihe umuntu yaba yagurishijwe kugira ajekuba umugurano, uko haheze imyaka mirongo itanu hama habaho yubile(imyaka 49, hanyuma umwaka ukurikira ugaca uba uwa yubile). Mu gihe rero umugurano yaba avyumvise kandi akaba agomba kwidegemvya, ntakintu na kimwe cashobora kumubuza kwigendera amahoro. Ico yakora yacaata hasi igikoresho yaba afise, agaca asezera ati "n'agasaga yemwe"! mazeakisubirira i we. Inzamba yaba yavuze; bwaba ari uburenganzira bwiwe.161. Ariko aramutse atagomvye gutaha, akanezererrwa kugumana nashebuja, ico gihe baca bamujana mu Rusengero; bagafata umugera bagacabamutobora ugutwi. Kubw'ico kimenyetso ntiyashobora kwongera gusubiraku mugabane wiwe. Si ko biri none? Yategerezwa kuzoguma akorerashebuja igihe cose. Naho hoba amayubile angana gute azoshika cankeivyomushikira vyose, yaba yaragurishije ukuba samuragwa kwiwe kwosekwomutumye yidegemvya.

86 Kandi n'umuntu iyo ashibuye Ukuri kw'Ubutumwa bwiza, Sataniaca amushirako ikimenyetso. HEHE? Mu gutwi. Aca amugiraigipfamatwi, ku buryo ataba agishobora kwumva Ukuri. KURI WEBIBA BIRANGIYE. ACA AGUMA MU MUGWI ARIMWO, IYOATAGOMVYE KWUMVIRA UKURI.Ngo : "Muzomenya Ukuri kandi ukuri kuzobaha kwidegemvya".163. Iyo ab'Imana baje kuri Yo ica ibashirako ikimenyetso. Imana ishiraikimenyetso ku bayo mu kwemeza Ijambo ryayo ryasezeranywe ikoreshejebo nyene. Neza na neza ni ivyo. Nimusome muri Yohana 14 : 12, kandiikindi kintu mwoshobora kwandika, ni muri Mariko 16 aho Yesu yavuze ati: "Kandi ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera n'ibi... "

87 Duhagararire aha akanya gato. Mbega yariko arajajura? [ Ikoranirorіciye ryishura ngo : "Oya"! -U] Yoba yavuga intumwa zonyene nk'ukoabantu bamwe bamwe bagomba kubitwemeza? ["Oya"! - U]. Nimwiyubaremaze musome neza amajambo avugwamwo, ati : "Mugende (hehe?) mujemu bihugu vyose, mubwire (ba nde?) abaremwe bose ubutumwa bwiza".Ntituranarangura n'ica gatatu c'ivyo twari dukwiriye gukora. Ngo "ibibimenyetso bizokwama biboneka mw'isi ku baremwe bose, aho ubutumwabwiza buzovugirwa…"? Ngo : "Kandi ibimenyetso bizokwama biboneka kubizera n'ibi : …!" Si abantu bari ku rushi gusa.165. Hari umuntu yigeze kumbarira ati : "Ingabire yo gukiza indwara Imanayayihaye za ntumwa cumi na zibiri zonyene. Benshi muri bene Data barihano, ico gihe ni ho bari bari igihe uwo mugabo yahaguruka akavuga ivyobintu. Mu minota mike yaciye yumirwa! Ni co gituma mwokwihweza neza iri Jambo, ati : "Mugende muje mu bihugu vyose, mubwire abaremwe boseUbutumwa bwiza… Kand'ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera n'ibi…"

88 Ntimugire ikimenyetso ca Satani c'ukutizera. Namba ushoborakubikora, kuri uno mugoroba araja kukibashirako. Araja kubatobora ugutwin'umugera abafatanye n'igihome maze musohoke muvuga muti : "Oh, muriivyo vyose nta na kimwe ntahuramwo!" Ni mwataha i muhira, ibi bintumuravyigeko. Hanyuma muheze musengane umutima ukunze kuko ivyobihuje n'Ivyanditswe koko n'ubu nyene, kuri ino saha yejejwe ya kino gihe.Ibi vyarashingiwe intahe uhereye mu myaka itari mike. Izo ntambwe zosetwaraziciyeko none ubu igihe kirashitse. Ni co gihe!167. Gurtyo ntimureke ngo abashireko ikimenyetso ciwe co kutizeramu kubatobora ugutwi n'umugera, murabona, kuko we yamye atizerauhereye mbere. Ntimumwemerere gufata Ivyanditswe akoreshejeubwenge, ngo abigoreke kandi ngo ateko abicurike bitewe n'ubwengebwiwe bwo kurinda kwiyumvira. Ahubwo ni muce bugufi gusa mazemuvuge muti : "Imana yarabivuze kandi nta kirengako". (Umwanya urahezedutanguye ubu ni ho twoba tugize neza).

89 Dutangure iki ca kabiri kimatanije ca Gitabo. Wa Mwagazi w'Intamawakerewe ugatako ukazuka waracuguruye maze ca kinyabugingo kigirakabiri, gisa n'inyana, gica kivuga giti : " Ngwino urabe ibanga ridomwekoishashara iryo ari ryo". Ubu rero turaja gutahura. Muribuka ko uwoMwagazi w'intama ategerezwa kwugurura kimwe kimwe cose muBimatanije ca Gitabo. Nimurabe ko ari nka rwa rukurikirane nyene rwa vyaBihe vy'Ishengero. Ku murongo ugira kabiri yari intambwe; ku wukurikirayari inyana canke impfizi y'inka. Maze uwo Mwagazi w'intama yuguruyebimwe bimatanije ca Gitabo ico kinyabugingo caciye kivuga giti : " Ngwinourabe". Maze Yohana aca aragenda kuraba. None yinjiye haciye haba iki? Reka turabe ico yaciye abona. Giti :"Ngwino urabe; aho harimwo ibanga ridomweko ishashara". Ubu, mu gihegito imyaka igiye gukwira 2.000 kiri aho. Turabe ivyo ari vyo. Aha dusangayabonye iki? Yabonye ifarasi y'akagajo iriko iragenda yegereza.

90 Iyo nkota ndende yari afise mu kuboko kwiwe… Mu minota cumin'itanu canke mirongo ibiri igiye gukurikira turaja kubona ibintu bitatu.Dusome kugira ngo tubone ico avuga hano (ku murongo wa 4) : "Haza iyindi farasi y'akagajo, (iya mbere yo yari iy'igitare); uyicayeko ahabgagukura amahoro mw'isi, ngo bicane : kand'ahabga inkota ndende".

91 Aha hariho ibigereranyo kandi birakwiye ko tuvyihweza neza cane.Nkurikije uko ndavyumva, Yesu na We nyene yarabivuze muri Matayo 24 :6.Yavuze ati : "... Muzokwumva intambara n'impuha z'intambara, intambaran'impuha z'intambara, n'intambara…" Ariko yaravuze ati : "Ivyo bintuntibirashika". Igihe ntikirashika.172. Murabona, bari babajije Yesu ibibazo bitatu, kandi yabahaye inyishuzitatu. Aho ni ho benshi bo muri bene Data bajuragirikira, bageragezagushira mu kibanza… na cane cane bene Data b'Abaventisi ku vyerekeyeumusi ugira indwi n'ibindi. Ngo : "Abagore bazoba batwaye inda

n'abonsabazobona ibara muri iyo misi… imiryango izoba yugaye ku musiw'Isabato”, n'ibindi bintu nk'ivyo. Oh! Ibi ntaho bihuriye n'intumberotwariko. Habe na mba. Yariko yishura ivyo bari bamubajije, ariko ntabwoyariko arabishira ku gihe c'iherezo.

92 Yavuze ati : “Muzokwumva…” (Ubu rero tugiye gushimikira kuri icokintu kidasanzwe; ibirenze aho tuzobigira mu misi iri imbere. Nimurabe ibi.Yavuze ati : “... Muzokwumva intambara n'impuha z'intambara n'ibindi,n'ibindi. Ariko ivyo vyose si…” Murabona, bazobatanga ngo muzigirizwen'ibindi bimeze nk'ivyo…Oh! Ivyo n'ubu si ivy'uno musi… Ariko igiheciwe cari gishitse c'uko ababarira ivyo bari bamubajije vyerekeye umuherow'isi; bati : “Ivy'uko ata buye rizosigazwa rigeretse ku rindi bizobaryari?... Ikimenyetso kizoba iki…? Umuhero w'isi na wo uzoba ryari?Bari bamubajije ibibazo bitatu.174. Maze rero ageze ku vyo umuhero w'isi, yaciye avuga ati : ”Nimwabona umusukoni utanguye gututuza, muzoce mumenya ko igihegishitse, kandi ndababwije ukuri yuko ab'uru runganwe batazorangira vyosebitarashika.“175. None uwutizera akunda kwishimikiza aho hantu gute, atabanjekumenya insobanuro yaho! Avuze ati : ” Ab'iki gihe‟, ntiyariko avuga kub'urunganwe rw'abo bariko baravugana, ariko yavuga urunganweruzobona ukuntu umusukoni ututuza. [Mu zindi ndimi, Bibiliya ivugaurwo runganwe -Umw.]

93 Ubu, ngira ndababaze ikibazo kimwe. Nimwihweze neza ibi. Bwabayeubwa mbere Isirayeli isubira kuba ihanga inyuma y'imyaka 2500. Ryabendera rya kera cane kurusha ayandi yo mw'isi kuri uno mugoroba ririkorirahungabana hejuru ya Yerusalemu. Abisirayeli bari mu gihugu caboc'amavukiro.177. Igihe kimwe aha hariho mwene Data umwe yashaka ko yobaumumisiyonari; yagomba kuba umumisiyonari mu Buyuda. Naramubariyenti : “Vyoshika ukazoba umumisiyonari.”178. Abantu bibaza ko ihanga ryose… Habe na mba! Abisirayeli bihanank'ihanga atari umuntu umwe umwe ku giti ciwe. Ngo “Ihanga rizovuka kumusi umwe. Ni Isirayeli. Abisirayeli bose bazokizwa, nimubimenye nezaPaulo yarabivuze. Abisirayeli bose. Ukwo ni ukuri kwuzuye!

94 Ubu, nimumenye ibi. Yavuze ati : “Nimurabe igiti c'umusukonin'ibindi biti vyose bitanguye gututuza…” Imyaka 2500 yari ihezeAbisirayeli batari bwigere basubira mu gihugu cabo. Twararonse ca gikinoc'icese citwa ngo : “Isaha zitandatu z'ijoro zibura iminota itatu”. Ngiryo, niihanga, ya nyenyeri ya Dawidi ifise amasonga atandatu irikoirahungabanywa n'umuyaga kandi n'ibindi vyose ni ko biri.180. Harigeze kubaho igihe amadini yoba yarigeze kugira amakanguro asan'ay'ino myaka? Ubu twige ivyo bintu gusa, aha turi ni i wacu. Ni ryariamadini yigeze gutera imbere nk'uko vyabaye, bitewe n'ibango ry'igikorwary'umuntu nka Billy Graham; Abametodiste, Ababatiste n'abandi? Ntiharibwigere haboneka umugabo (nimurondere mu nkuru za kahise) yigezegutumbera ishengero ry'abaringanije ukundi gusha ivyo gusenga akaba afiseizina riherezwa na “H-A-M”? Nimwumvirize rero : “A-B-R-A-H-A-M” [muCongereza -U]. Ariko nimurabe, izina Abraham rifise inyuguti indwi, A-BR-A-H-A-M, yamara irya mwene Data Billy Graham ryo, G-R-A-H-A-M,rifise zitandatu atari indwi. Gatandatu ni igitigiri c'isi kandi aho ni hoarangurira ibango ry'igikorwa ciwe, mw'ishengero ry'isi.

95 Ishengero ryo mw'isi ni Loti ari i Sodomu. Igihe ba bagabobamanukayo bakavugayo ubutumwa bagatako bakabahuma amasobakoresheje ubutumwa, umwe muri bo yagumanye na Aburahamu, kandiAburahamu yamwise “Elohimu UMWAMI”. Aburahamu abonye babagabo batatu baje, yaciye avuga ati : “ Mutungwa.'' Yamara Loti weyabonye haje babiri aca avuga ati : « Batungwa » Ng'iryo itandukaniro aho riri ! Nimwihweze rero iryo Zina ry'Ubutatu! Yesu yavuze ati : «Nk'uko vyari biri mu gihe ca Loti…” Mbega ivyo murabibonye?

96 Nimumenye ibi : Hariho Umwe yaje kw'Ishengero ryo mu buryobw'impwemu. Umugeni, Aburahamu, mbere we ntiyari no muri Sodomu.Nimwihweze ico Yakoze. Ntiyakoze nk'uko abandi bavugabutumwa bakora.Egome yarigishije ariko yaciye abaha ikimenyetso ca Mesiya. Yarahayeumugongo ihema maze avuga ati : “Aburamu…” (Ni mwibuke ko ata misimyinshi yari ihaciye yitwa “Aburahamu”. Ariko yaciye avuga ati : “...Aburahamu, umugore wawe S-A-R-A ari hehe? Nta misi myinshi yariirangiye yitwa ”S-A-R-A-Y-I‟.183. Aburahamu arishura ati : ”Ari mw'ihema, inyuma yawe‟. Aca avuga ati: ”Aburahamu, Nzo ── (Ehe kandi ya nsigarirazina muvugwa iragarutsengo “Nzo”!) Nzokugendera nk'uko isezerano naguhaye riri‟. Murabona ukovyari bimeze. Murabibona? Umugabo yari yambaye impuzu zagiyekointumo? Yariye inyama z'inyana akanywa n'amata y'inka, agatako akaryan'umutsima w'ibigori. Ego mushingantahe. Imana, Elohimu, yariyiyerekaniye mu mubiri! Yarasezeranye ko izokwongera kwiyerekanira mumubiri mu misi ya nyuma! Nimurabe neza ibi, ngo : ”Aburahamu, umugorewawe Sara ari hehe?'' Aravuga ati : “Sara ari mw'ihema inyuma yawe”.Maze Uhoraho aravuga ati : “Nzokugendera”.

97 Mu vy'ukuri uwo mugore, kuko yari amaze imyaka mirongo icenda,yaciye yifuka umutamana aratwenga ari aho yari yibereye, mw'ihema. Mazeyibarira mu mutima ati : “Ati je ndi umukecuru?” Ivyo guhura kw'umugabon'umugore hari haciye imyaka itari mike bihagaze, murabizi, kukoAburahamu yari afise imyaka ijana, Sara na we, mirongo icenda. Ni ukouwo mugore yibwira ati : “Ivyo ntibizokwigera bishika!” Uhoraho aravuga ati : “N'iki gitumye Sara atwenga?” Oh! Kandi yariyahaye umugongo ihema.“ Ati : ”Ni iki catumye Sara atwenga, akavugango ivyo vyoshoboka gute?‟ Murabibona, Uhoraho aca amuha ikimenyetso. Yasezeranye ko ivyo bizokwongera kubaho mu gihe c'iherezo. Babagabo babiri baramanutseyo kandi bavugirayo Ijambo, babarira Loti ngoasohoke aveyo kuko aho hantu hari hagiye gusha; ni na vyo vyashitse. Loti,ishengero ryo mu buryo bw'umubiri, yavuye mu vyaha adandabagirana,

avamu vyondo atera igere, agomba kuguma mu nteguro ziwe z'amadini. ArikoUmukwe, uwo mugabo, We ntiyiriwe aranamanuka i Sodomu. Ico yagiye gukora gusa cabaye ico guhamagara abantu bari ikigereranyoc'Umugeni. Ubu murabona ko turi mu gihe ca nyuma, murabona.

98 Ubu rero ni mumenye ibi. Muravuga muti : "Ni Imana yiyerekanyeyambaye umubiri". Yesu ubwiwe yaravuze ati : "Igituma muncirako iteka niigiki? Mbega muri za Bibiliya zanyu, mu Vyagezwe vyanyu ntihanditswengo abavugishwa na Yo, abo Ijambo ry'Imana ryazako…" (Yesu yavuze koIjambo ryaza ku bavugishwa n'Imana kuko na We nyene yaje ahujen'Ivyanditswe ku kintu ico ari co cose). Yavuze ati : "Ijambo ry'Imanarivuga ko Ijambo riza ku bavugishwa na Yo kandi ni mwaba mubita imana,biterwa n'uko Ijambo ry'Imana ryaje kuri bo. None rero igitumamuntsindisha iyo ndababariye ko ndi Umwana w'Imana ni igiki?"Ni uko!None ubu tugeze he? Tugeze mu gihe ca nyuma.

99 Ubu rero mutege yompi. Twabonye ko hazoba intambara, kandi ubuturabona ko wa musukoni n'ibindi biti vyatutuje. Abametodiste,Ababatiste, Abaperesibiteriyano, bose baratutuje udushami twabo; harikoharaba ikanguro rikomeye. Ubu ndizera ko Imana iriko iregeranya Umugeni,Abatoranijwe, kubwa kino gihe ca nyuma. Oh, bene Data! Reka rero twihweze neza ivyo Yohana : yabonye ico gihe yabonyeifarasi y'akagajo n'uwuyigenderako aguma yegereza. Maze uwoayigenderako ahabwa ububasha bwo kwicisha abantu inkota ndende.

100 Ehe rero ukuntu nabihishuriwe : N'ubu nyene ni Satani! N'ubunyene ni wa murwanizi yiyambitse iyindi shusho. Turazi ko inzambazijanye n'intambara ziri hagati ya bene gihugu canke hagati y'amahanga.Ariko ngaha murabona ko uwo mugabo afise inkota; aho rero niintambara ya politike y'ishengero. Murashobora kutavyizera, arikonimurindire umunota umwe gusa, mu mwanya muto gusa. Nimurabe ayo mafarasi uwo mugabo nyene agenderako ukuntuamabara yayo agenda ahindagurika. Amafarasi ni yo agendaahindagura ibara. Burya ifarasi ni igikoko, kandi muri Bibiliya igikokoni ikimenyetso cerekana ubushobozi. Bwa buryo bwo gukora, bugendera ku bushobozi kanaka bufise irindi bara, ubushobozibutangurira kw'ibara ryera ata co worigayako bugashika ku ritukurank'amaraso. Nimwihweze ukuntu aza!

101 Mu ntango yari inyigisho ntoya gusa yitwa "inyigishoy'Abanikolayiti". Vyukuri koko nta muntu n'umwe yari kwica! (Nambamushaka kuvyandika, biri mu Vyahishuriwe Yohana 2 : 6). Nta n'umuntun'umwe yari kwica. Yari ikiri inyigisho gusa. Yari impwemu iri mu bantugusa. Ivyo ntivyari gutuma hagira umuntu n'umwe apfa.193. Oh, mu gihe yari iri kuri iyo farasi y'igitare nta kibi yagirizwa!Bati : "Murazi, twoshobora kuryita Ishengero rinini rikwiye mw'isi yose.Twoshobora kuryita Ishengero ryo mw'isi yose". Ico ni na co bama bavuga.Oh, Ego me! Bati : "Twoshobora kuronka… Oh, mu vyukuri nta kabikarimwo! Nta kibi kirimwo! Ni umugwi w'abantu gusa. Twese tuzedufatanirize hamwe nk'abavukana". Murabona, nta kabi biriko namba, birera nka ya farasi, nk'uko ya farasi yera.

102 Gurtyo rero, abanyacubahiro, bamwe usanga bambaye neza kandibarize kurusha abandi, murazi, vya "binyoni vy'amoya asa", bica bivuga biti: "Turakora uko dushoboye kwose kugira ngo ivyo bintu vyosetuvyegeranirize hamwe. Maze uwo mugwi w'aboro, ni baba bashakakugenda bayerera uko, ivyo birabasha; ariko tweho, dushaka kubona koabantu basesuka ari bo baza mw'ishengero ryacu. Twoshobora gusakwikuramwo uwo mugwi, twoca tuba ibihangange canke ikintu gisa nk'ico. Ibintu tuzobikora uko bikwiye gukorwa." Ntituzobikora nk'uko ivyo bigobikora, ariko muratahura ico nshaka kuvuga, kizoba ari ikintu kitumvikana ku bizera nyakuri.

103 Mu yindi mvugo bati : "Dushaka ko tworonka ishirahamwe dushoborakwita ko ari rwacu. Iyo nyigisho nta kabi irimwo. Bene Data na bashikibacu, nta co dupfa habe na mba. Muri abantu beza cane, ariko murazi,twumva hari ivyo dusangiye : Icotubera ciza kurusha ni uko twoja hamwe"Murabibona! Maze ivyo bintu vyarabandanije gushika aho ivyo bintubiruhira gushika. Ni ivy'ukuri! Bariko bariyegeraniriza hamwe. Ariko mu gihe iyo mpwemu izimiza iteye ubwoba yiyambitse umubiri,(iyo mpwemu y'inyigisho), igihe yambaye umubiri kugira ngo ifate ikibanzaca Kristo mu muntu, itegerezwa gusengwa; ica iba igisengwa nk'uko Kristo asengwa.

104 I Vatikano (naragiyeyo) handitswe ngo : Vicarius Filii Dei, Kandiivyo vyanditswe mu biharuro vy'Ikiromani. Iryo ryungane risobanurwa ngo: "Mu gishingo c'Umwana w'Imana". Mu yindi mvugo ni umusubirizi (murazi umusubirizi ico ari co : aba afashe ikibanza c'uwundi muntu). Uwoni umusubirizi yasubiye mu kibanza c'Umwana w'Imana! Bibiliya ivugaiti : "Ufise ubgenge n'aharure igitigiri c'ico gikoko. N'igitigiri c'umuntu :igitigiri caco n'amajana atandatu na mirongwitandatu na gatandatu".Gurtyo rero mufashe VICARIVS FILII DEI maze mugaca umurongo musi(mu biharuro vy'Ikiromani "V" ingana na 5, "I" ingana na 1 n'ibindibikurikira) mugaca mubiteranya, mworaba ko mudatora amajana atandatu namirongwitandatu na gatandatu. V I C A R I V S F I L I I D E I5+ 1+100 +1+5 + 1+50+1+1+ 500+1= 666

105 Bibiliya ivuga ko azokwicara mu rusengero rw'Imana, agasengwank'Imana. Igihe ya nyigisho nto yambara umubiri, yaciye ibaumusubirizi ari mu gishingo c'Umwana w'Imana. Oh, bene Data, mbegaimpwemu izimiza bimwe biteye ubwoba! Nimusome 2 Ab'i Tesalonike 2:3 muheze murabe ivyo ari vyo. Mu bisanzwe, muribuka ko Satani ari we mutwe w'ububashabwose bwa politike bw'ihanga iryo ari

ryo ryose. Ni bangahe murimwebwe babizi?[Ikoraniro riciye rivuga riti : Amen - Umw.] Murashakakwandika aho biri? Ni muri Matayo 4:8. Satani yaduganye Yesu ku musozi muremure kandi nko mu kanya kogukubita urugohe yari amweretse ubwami bwo kw'isi bwose bwabayehocanke n'ubuzobaho. Mbega umuntu ahambaye! Aca aramubarira ati: " Ivyovyose ndabiguha, ni wampfukamira ukansenga." Ariko Yesu yar'azi koazoba Samuragwa wavyo (Ivyahishuriwe Yohana 11 : 15).

106 Ukwo ni na ko bavuga, ngo : "Mwebwe mwa barushwa mwe mwishimagusa!" Ariko tuzokwegukira isi kuko, ngo : "Abatekereza ni bo bazoragwaisi". Ukwo ni ko Yesu yavuze.202. Yesu yari azi ko azoba Samuragwa w'ubwami bwose bwo kw'isi,bituma avugaati : "Mvako, Satani, kuko vyanditswe (Aciye yongera kugaruka kuVyanditswe, murabibona!) ng'Uhoraho, Imana yawe, abe ari Yo usenga,kandi abe ari Yo usaba yonyene."203. Mu gihe Satani ari we mukuru w'amadayimoni yinjiye muri uwomugabo w'agakura mu vyo gusenga, nk'uko Bibiliya yari yarabivuze, aca ashira hamwe ishengero na Leta, maze akabifataniriza hamwe vyompiakoresheje ububasha bwiwe bwite. Impwemu ya antikristo igitangura yariimpwemu. Hanyuma ihinduka iki?Nimwihweze iki kimatanije ca Gitabo. Igihe iyo mpwemu yahaguruka,yari antikristo, arwanya inyigisho za Kristo.

107 Ni uko. Ico Kristo yari yategetse Ishengero ryiwe gukora cari icokurwanya icaha. Ariko mu nyuma impwemu ya Satani yaraje, ivuga iti :"Oh, ico si co bisobanura! Ivyo vyari ivyo uwundi mugwi. Ivyo vyari vyizamu binjana vyarangiye. Si ivyacu!" Ico ni co bita, « anti », ni ikintukirwanya ikindi. Ubu rero umwe agendera kw'ifarasi yaraserutse; nta gitsiboyari afise ariko yahavuye agihabwa. Yari yicaye kw'ifarasi yiwe y'igitare.Yari afise umuheto ariko atagira imyampi.205. Yaregereje, ariko haciye igihe ni ho yambitswe igitsibo, kukomutoshobora kwambika igitsibo umutwe w'impwemu. Ariko igihe iyompwemu yari yinjiye mu mubiri mu gice kigira kabiri c'ibanga ryiwe,igikorwa ciwe kigira kabiri, yaciye aba umuvugishwa w'ibinyomayambitswe igitsibo kugira ngo akore igikorwa ca ya mpwemu yaantikristo. Satani ni we agenzura ububasha bwa politike yo kw'isi.

108 None ubu naho agiye gufata ikibanza aho azoshiraho ishengerorifise ububasha kw'isi yose, mu kwigarurira ububasha mu vyo gusenga.None rero ga bene Data, ntimutahuye igituma mu gihe iri hanga riboneka kugice ca 13 c'Ivyahishuriwe Yohana, ka gakoko gasokoroka gasan'umwagazi w'intama, gafise amahembe abiri (Ububasha muri politike nomu vyo gusenga) gaca gakora nk'uko ca gikoko ca mbere cakora! Biratangaje! Igitigiri ca Amerika ni 13, kandi ni umugore. Biratangajekubona Amerika iboneka neza na neza ku gice ca 13 c'Ivyahishuriwe Yohana. Twatanguranye n'uturongo 13 turi kw'ibendera, inyenyeri 13,vyose bigizwe na cumi na gatatu, cumi na gatatu, cumi na gatatu, ukoKahise kacu kagiye gakurikirana, kandi vyose vyerekeza ku mugore,umugore, umugore, kuva ku ntango gushitsa kw'iherezo.

109 Ivyo navuze bizoruhira gushika : ko umugore azoganza Amerika. Nimwibuke ko haheze imyaka mirongo itatu ndabivuze kandi mu bintuindwi navuze, bitanu bikaba bimaze gushika. Kandi ubu baramaze kuronkaumugabo azotuma uwo mugore ashirwaho. Uwo mugabo ni mwebwemwamwitoreye biciye muri politike yanyu. Hari ibintu vyinshi vyo kuvuga ku buryo bitugora gushikira intumbero.Mbwirizwa kubagumya akandi kanya gato ni naba nshaka guheza kuri unomugoroba.

110 Ubu rero uwo ari we wese ari hano aratahuye ko Satani ari we afiseububasha bwose bwa politike y'ino si mu minwe yiwe (Matayo 4 : 8).Ubwami bwose ni ubwiwe. Ng'ico igituma barwana, bakaja mu ntambaramaze bakicana. Mbega ntibitangaje kubona barahawe inkota ngo bicane? Oh, beneData! Nimurabe ko atari bwaronke ububasha bwa Ekleziya igihe yatangurakubikora. Ariko yatanguranye n'idayimoni y'inyigisho y'ikinyoma,hanyuma iyo nyigisho ica ihinduka inyigisho ngenderwako. Hanyumaiyo nyigisho ngenderwako ica yinjira mu muvugishwa w'ibinyomayambara umubiri, hanyuma aca aragenda aca aja mu kibanza abereye(ntiyari yagiye muri Isirayeli ariko yagiye i Roma), i Nikaya, i Roma.

111 Habayeho Inama nkuru baca batora umusenyeri mukuru. Bakoze ukobaciye bafatanya ishengero na Leta. Aho rero ni ho yaciye ashira umuhetowiwe hasi, ava kw'ifarasi yiwe y'igitare arururuka aca yurira kw'ifarasiyiwe y'akagajo aca abona kwica umuntu wese atamwemera. Ng'ico kimwemu bimatanije ca Gitabo! Ni wa wundi nyene! Nimurabe n'ukuntuabandanya akageza no mu gihe c'Uguhoraho. Ahuriza hamwe ubwobubasha uko ari bubiri. Mu vy'ukuri ivyo ni vyo bariko baragerageza gukorauno musi! Ni co kimwe!

112 Uno musi hari ikintu gitangaje cashitse kumbure mutaja gutahura. Mwumvise kw'iradiyo ko umugwi umwe w'ababatiste b'i Louisville (Ni bangahe bavyumvise? Murabona, mwavyumvise!) wasavye ishengero koritogera aho ryifatanya n'ishengero rya Katolika ariko ngo bagiriranireubumwe gusa. Mu gihe ivyo biriko birabera i Louisville, hano na ho,Imana iriko irashira ahabona Ibimatanije ca Gitabo ivyereka abantubayo kugira ngo Itubarire ngo: " Ivyo ntimubikore!" Murabona ukuntuizo mpwemu zibiri ziriko zirakorera rimwe. Nimwibuke ko igikona carigihagaze hamwe n'inuma muri bwa bwato. Ni uko! Ni ukuri. Ivyo muravyibuka.

113 Gurtyo rero turabona ko aca ashira hamwe ububasha bwiwe. Noneubu mugiye gukora iki mu gihe ubwo bubasha bubaye Leta bukaba n'ishengero? Aca yikorera inyigisho ziwe bwite z'ivy'ugusenga mazekubwo ivyo akaba yoshobora gukora ivyo yigombera. Hanyuma akagirauburenganzira bwo kwica umuntu wese atemera ivyiwe. Ico ni co nyene yakoze. Yakoze ivyo nyene. Uko ni ko yakoreye

aberanyakuri b'Imana Nzima bazigamye Ijambo ntibemere gukurikizaimitegekere yiwe : yaciye abica.

114 Mwene Data Lee Vayle, na mwebwe mwigisha ivyerekeye igihe c'iNikaya n'ivy'Ishengero ryatanguye, sinzi ko ivyo mwabisomye canke komutoba murabisoma. Ni mwaba mwipfuza kubisoma, murafate igitabocanditswe na Smuckers; citwa "Rya ringaniza ukundi gushary'ivy'Ugusenga", muzokibonamwo ko mu gihe Saint Augustin d'Hippone[Gusino Mweranda w'i Ipone -U] yaba umupatiri w'ishengero ry'I Roma,yabonye akaryo ko kugenderwa na Mpwemu Yera, yariko aragerageza kumuzako igihe kimwe, ariko aca aramushiburira kure. Ni bangahe bo mubigisha babizi? Yaciye ashibura Mpwemu Yera. Ico ni co kigereranyo c'ishengero ry'abaporoti rya kino giheryashibuye Mpwemu Yera. Uwo Gusino Mweranda yaciye asubira muriIpone aca aba ari we atera igikumu kuri rwa rwandiko yemeza ko yobayarabonekewe n'Imana ikamubwira yuko vyoba vyiza kandi bigahimbaraImana bishe umuntu wese atazokwizera nk'uko ishengero rya Katolika ry'i Roma ryizera.

115 Nimwumve ivyavuzwe vyakuwe mu gitabo c'abishwe bahorwa Ijambory'Imana, ngo : "MU GIHE CA GUSINO MWERANDA W' IPONE MUMWAKA W'1586, ISHENGERO RYA KATOLIKA RY'I ROMARYISHE IMILIYONI 68 Z'ABAPOROTI". None inkota yiwentiyatukura? Ntiyagendera kw'ifarasi itukura [y'akagajo - U]? Vyariibiki? Bwari bwa bubasha nyene. Yari wa wundi nyene yagenderakw'ifarasi! Ng'ico kimwe mu Bimatanije ca Gitabo! Muri ico Gitabobariyemerera ko hapfuye 68.000.000 badashizemwo abiciwe ahandi. Oh,mbega ukuntu biteye akagongwe! Mu gihe kiri hagati y'ikinjana ca 5n'ikinjana ca 15 abantu amamiliyoni babatereye intambwe ngo zibaryecanke ngo batikizwe mu buryo bwose bushoboka bazira ko batunamiyeimitegekere y'abakatolika. Ivyo murabizi!

116 Dusigaranye umwanya ungana iki? [Ikoraniro riciye ryishura ngodusigaranye ijoro ryose. Harasigaye umwanya muremure - Umw.] Ni uko reka ndabasomere ikintu kimwe. Mutege yompi, ngira ndabereke ikintu kimwe.Tugerageze kuvyerekana mu kanya gato.Mpejeje kuvyiyumvirako kandi tugira tubisome. Dufate IvyahishuriweYohana 17. Turacasigaranye iminota 15. Ni vyiza cane! Nimutege amatwineza mu gihe turiko turasoma. Ngira ndabahe umwanya wo kuharonderamuri Bibiliya zanyu. Ivyo nabisanze muri ca gitabo citwa : "Rya ringaniza ukundi gushary'i vy'Ugusenga" canditswe na Smuckers, yavyikuriye mu gitabo kidondainkuru z'abapfuye bahorwa Ijambo ry'Imana c'i Roma i Vatikano.

117 Hari muri ca gihe c'ihamwa ry'abigishwa ba Patrike Mweranda. Munyuma baje kwita Patrike ngo ni umweranda wabo. Uwo na we yariumukatolika nka jewe, kandi murazi ukuntu ndi umukatolika! Yarankainyigisho ya Ekleziya. Yaranse kuja kubonana na papa. Ni ukuri! Patrike Mweranda nyene… Ntimurigera muja muri Irlande ya Ruguru,aho yari afitiye amashure yiwe? Murazi ko izina ryiwe ritari Patrike. Nibangahe babizi? Yitwa Sucatus. Ni ukuri! Mushiki we amukurikira yariyarapfuye, ni mwaba mwibuka iyo nkuru.

118 Ni uko. Ubu rero dusome Igice ca 17 c'Ivyahishuriwe Yohana. Umwewese yugurure umutima wiwe kandi areke yigishwe na Mpwemu Yera."Haza umwe wo muri ba bamarayika ndwi bari bafise za nzavya ndwi…" Murabonye rero izo nzavya ndwi; murazi ivyo ndwi turiko turigako.Ivyo vyose bishikira rimwe, inyuma ya vya vyago, ni uko nyene vyabayeinyuma ya vya Bihe vy'Ishengero kuko vyose bimatanishirije ishashara muriiki gitabo nyene. Ikintu cose kiza mu gihe caco kandi buri kintu kikinjira mukindi, gurtyo, gurtyo; impwemu zibiri ziriko zirakora : Imana na wamurwanizi. "…avugana nanje, arambgira ati ngwino nkwereke itekarizocirwa maraya w'agahebuza, yicaye kw'iteraniro ry'amazi menshi…"

119 Ubu rero nimurabe hano : Amazi, maraya. Ni iki none? Ni umugore.Ntashobora kuba umugabo. None muri Bibiliya umugore agereranywa n'iki?Agereranywa n'ishengero. Kubera iki? Umugeni wa Kristo hamwe n'amashengero yose, murabona, ni abagore. Amazi yo asobanura iki? Ni mutege amatwi neza. Dusome umurongowa 15 : " Arambgira ati, Ya mazi wabonye, maraya yicarako, ni yo mokon'amakungu y'abantu n'amahanga n'indimi". Ishengero ritegeka isi yose; ryicaye ku mazi menshi; umurongo wa 2 :"…uyo abami bo kw'isi basambana na we, (ubusambanyi bwo mu buryobwa mpwemu, mu gukoresha inyigisho zabo, inyigisho z'abanikolayiti),ababa kw'isi bakaborerwa vino, ni zo busambanyi bgiwe (emwe umugwiw'imborerwa!). Anjana mu bugaragwa ndi muri Mpwemu : Mbona umugore…"

120 Mwari muzi ko n'ibitabo vyanditswe n'abakatolika vyemeza ko uwoari ishengero ryabo? Ni bangahe babizi? Vyanditswe mu buryo butomoyemu bitabo vyabo bwite. Ndafise agatabo kitwa ngo : "Ukuri ku vyo twizera."Ni ako umupatiri umwe. (Ku murongo wa 3) : "Anjana mu bugaragwa ndimuri Mpwemu. Mbona umugore yicaye ku gikoko gisa n'agahama, cuzuyeamazina y'amarogotano, gifise imitwe ndwi n'amahembe cumi". Ni mwitegereze neza ico kigereranyo, ico gikoko gifise imitwe ndwi.Ngo :"… Imitwe ndwi, iyo ni yo misozi ndwi uwo mugore yicayeko". Uburomabwubatswe ku misozi indwi. Kuri ivyo nta kwihenda kurimwo : imitwe ndwin'amahembe cumi. Ni bwo bwami cumi n'ibindi. Ngo : "Uwo mugoreyambaye impuzu y'inyambarabami n'iy'agahama, yari yisakaye izahabun'utubuyenge tw'igiciro kinini n'imaragarita, afise igikombe c'izahabu muminwe cuzuye ibihumanya n'imyanda y'ubusambanyi bwiwe". Iyo mpwemu ya antikristo, ubwo bushakanyi, ubwo busambanyi bwakozwe imbere y'Imana! Ni ryo ryari kuba umugeni, ariko ricarirasambana nk'uko Eva yabikoze. Nk'uko nyene ishengero ribikora. "…

121 Mu ruhanga afise izina ry'akabanga, ryanditswe ngo : BABULONIHAHAMBAYE, (abantu bose barazi ko

Babuloni ari Uburoma) NYINA WABA MARAYA, KANDI NYINA W'IBIHUMANYA VYO MW'ISI(Nimwumvirize neza umurongo wa 6) : "Kandi mbona uwo mugoreaborewe amaraso y'abera n'amaraso y'abashingiye intahe ivya Yesu.Ndamubonye birantangaza ndumirwa rwose".231. Uravye iyo misaraba n'ibindi vyose yiyambika cari ikintu ciza cane!None vyoshoboka gute ko yokwagirizwa kuba yaranyoye amaraso y'abera!Ivyo vyatumye Yohana azazanirwa, ariko umumarayika yagira abimusobanurire. Ngo : "Umumalayika arambaza, ati N'iki kigutangaje?Ndakubwira akabanga k'uriya mugore n'ak'igikoko agenderako (ivyo ntana hamwe biri muri bimwe bimatanije ca Gitabo uko ari ndwi; ni ibindibintu biri ukwavyo), gifise imitwe ndwi n'amahembe cumi. Igikoko ubonyecariho kandi ntikikiriho, kandi kigira kiduge kive i kuzimu, (Papa nta rufatiroafise) kije kuranduka. Kand'ababa kw'isi batanditswe amazina yabo mu Gitabo c'Ubugingo, uhereye ku kuremwa kw'isi (batari uruvyarorwatoranijwe), …"232. Mbega amazina yanyu yanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ryari?Mbega ni igihe ca ca gikorane c'ikanguro kimwe mwari murimwo? Oya!Haba na mba! Ni uguhera isi ikiremwa! " …bazotangara babonye ico gikokoyuko cariho kandi kitakiriho, kandi kizoboneka".233. Nimurabe ico gikoko! Kimwe kizopfa, ikindi gice kigisubirira.Cariho, ntikikiriho; cariho, ntikikiriho; cariho ntikikiriho; kandi ukonyene ni ko kigenda gitumbereye kuranduka. Murabibona? Ni uko! Ngo:

122 "Aha ni ho umutima w'ubgenge userukira. (Ni bangahe bazi ko harihoingabire icenda za Mpwemu kandi imwe muri izo ikaba ari iy'ubwenge?) :Imitwe ndwi, iyo ni yo misozi ndwi uwo mugore yicayeko (kugira ibintimubitahure ni uko mwoba mwarahumye rwose, mukaba ibipfamatwikandi mugatako mukaba ibiragi [abantu batavuga - U]!); Kandi ni yo bamindwi : abatanu barakombowe, umwe ariho (ni Néron), uwundi we ntaraza,kandi ni yaza azoba ari uwo kumara igihe gito." Nimwibuke ico uwo yakoze : yaturiye igisagara aca abeshera abakristongo ni bo bagituriye. Igihe kimwe yaboheye nyina kw'ifarasi igendairamuburura mw'ibarabara. Kandi Uburoma buriko burasha, we yagumayicurarangira n'inanga. Ngo : " Kandi ca gikoko, cariho kandi kitakiriho, icoubgaco n'ugira umunani…" Uburoma bwa gipagani bwaciye bwihinduramwo Uburomabw'ababapa igihe ya mpwemu ya antikristo yinjira mu muntu igacayambikwa igitsibo. Yaciye yambikwa igitsibo c'uko abaye umwamiw'Uburoma, atwara Leta n'ishengero icarimwe. Oh, bene Data! Ivyobintu turabibona hose! "…Ariko kandi n'umwe muri ba bandi ndwi,kand'azoja kuranduka" (none ivyo bizomara igihe kingana gute? Ntibigezebahindura uburyo bwabo bwo gukora). Kand'amahembe cumi wabonye niyo bami cumi batarima, ariko bagahabga kuganziriza hamwe na ca gikokonk'abami nyene, kumara isaha imwe (abo ni abantu batwaza umukazo, murabona. Ni ukuri). Abo bahuza inama (yamara hariho abantu bagumabavuga ivy'igikomunista), baha ca gikoko ububasha bgabo n'ubutwarebgabo. Abo bazorwanya Umwagazi w'intama, uwo Mwagazi azobanesha,kukw'ari we aganza abaganza n'Umwami w'abami, kand'abari kumwe naWe, bahamagawe, batoranijwe, bayobotse, na bo bazobanesha. Arambgiraati Ya mazi wabonye, maraya yicarako, ni yo moko n'amakungu y'abantun'amahanga n'indimi.

123 Ya mahembe cumi wabonye na ca gikoko bizokwankauwo maraya, bizomuzingazinga, bimukobe (igihe rya sezerano rizobaryakuweho, rimwe twavugako ejo ku mugoroba) birye inyama ziwe,bimutongoze umuriro." Mbega ntimuzi ko Bibiliya ivuga ko abadandaza bazana ibintu mubwato n'abandi bose bazovuga bati : "Ni ibara! Ni ibara! Ewe wa gisagaragihambaye!" Isenyerana ryaco rizoshika mw'isaha imwe. Murabibona? Kumurongo wa 17 : "… Kukw'Imana yashize mu mitima yabo gukora ivyoyagabiye, no guhuza inama, no gushira ca gikoko ku ngoma yabo, kugezaah'amajambo y'Imana azoshikira. Umugore wabonye ni we ca gisagaragihambaye, kiganza abami bo kw'isi".

124 Ni mumbwire rero...Uburusiya ntibuganza hose. Twebwe, Abanyamerika ntituganza hose. Hari umwami umwe gusa aganza amahanga yose (nk'uko Nebukadinezayabikora we yategeka ino ryose ryo muri ya yandi) ni Uburoma! Uburomantibuganza nk'ihanga ariko buganza nk'ishengero. Ihanga ryose riri munsi y'ijuru rihanze amaso Uburoma. Ntibitangajekubona havugwa ngo : "Ni nde ashobora kukirwanya?" Kivuze ngo :"Amahoro"! [Mwene Data Branham aciye aturitsa urutoke - U] Bibabiheze. Ishengero rya Katolika rivuze ngo : "Ntihagire uwurwanya uwundi!"Ntibaba bakirwana, biba biheze. Ni nde yoshobora gukora ico rikora? Ntan'umwe. Gurtyo rero, bari batangajwe n'ibitangaza ryashobora gukora!Rirashobora guhagarika intambara. Ico rivuga gusa ni ngo : "Hagarika!"Biba birangiye! Ariko mwibaza ko rizobikora? Haba na mba!

125 Ibi ni mubimenye. Uko ni na ko bashobora no kwicana. Ku ntangoumuheto wiwe nta myampi wari ufise, ariko inkota yiwe ndende yo, yarica.Yarishe, mu nyuma aca arahindura ifarasi agenderako y'igitare ayiguranan'iy'akagajo. Uwo ni wa murwanizi nyene afise inkota yiwe. Yesu yavuze iki? Yesu yavuze ati : "Uzofata inkota azokwicishwa inkota". Ntimukagere ingere ku yindi. Ico ni co Yesu yabariye Petero muri rya joro yasokora inkota yiwe. Nuko rero nimumere nka We [nka Yesu - U] rero: Mutere muja imbere.

126 Nimwibuke ko afise inkota. Aguma yegereza afise inkota mu minweari kw'ifarasi y'akagajo, agenda aca mu maraso y'abantu bose batemeraivyiwe. Ivyo murabitahuye none? Ni bangahe none batahura iki kimatanijeca Gitabo ico ari co? Ni uko! Yesu yavuze ngw'iki? Ati : "Abafata inkotabazokwicishwa inkota". Si vyo none?242. Uyu agendera kuri iyo farasi n'abayoboke biwe bose bo mu bwamibwiwe bagenda bica uko ibihe vyagenda bikurikirana, basheshe amarasoy'abahowe Ijambo ry'Imana n'ay'abera; bazokwicwa n'inkota ya YesuKristo igihe azozira. Ngo : "Abafata inkota bazokwicishwa inkota". Bafasheinkota y'imitegekere bo n'iya antikriso maze baca barakurahoamamilioni y'abasenzi nyakuri uko ibihe vyagiye

bikurikirana nonerero igihe Kristo azozira afise inkota ari ryo Jambo ryiwe riva mukanwa kiwe, azokwica abansi biwe bose. Ivyo muravyizera?

127 Tubanzeduhagararare hano akanya gato. Tugira turabe ko ari jewe ndabivuze gusacanke Ijambo ko ari ryo ribivuga (Ivyahishuriwe Yohana 19 : 11) : "Mbonaijuru ryuguruye, (Amen)! kandi mbona ifarasi y'igitare, uyivyagiyeko yitwaMwizigirwa, irindi ni Munyakuri. Aca amateka akarwana intambara mubugororotsi. Inyonga ziwe n'imbeya z'umuriro, no mu mutwe yambayeimigara myinshi, (Oh, bene Data! Igitsibo yacambitswe n'abera biwe!),Kandi afise izina ryanditswe, nta wurizi atari We nyene (nimwibuke kotutararimenya). Yambaye impuzu zajobetswe mu maraso, kandi yitwa(ntabwo ari ngo ni ariko ngo yitwa) Jambo w'Imana (Kuko We n'Ijambo niikintu kimwe rudende).243. Nimurabe neza ko hatavuga ngo AMAZINA yiwe, ariko havuga ngoIZINA ryiwe! YITWA "Jambo w'Imana". Yohana we yari azi Izina rimwegusa.Nta rindi. Ngo: "Ingabo zo mw'Ijuru ziramukurikira, zicaye ku mafarasiy'ibitare, zambaye impuzu nziza zera derere zitanduye (Uko ni ukugororokakw'abera)".

128 Ubu rero nimutege amatwi neza! Mbega Yesu yavuze ngw'iki? "Ng'uwufata inkota…" Neza cane, ubwo rero haje wa wundi agenderakw'ifarasi y'akagajo, murashobora kuba mwarishe abera banganan'imiliyoni 68 mu Bihe vyose vyarenganye canke se bakanarenga,arikoYesu yavuze ati : " Uwicisha inkota, azokwicishwa inkota". Arikomuragabe! Kuko ngo : " Mu kanwa kiwe havamwo inkota ikarishe,…" Igice ca 4 co mu Baheburayo kivuga ngo: "Ijambo ry'Imana rifiseubukuba, rifise ubugi buruta ubw'inkota zose, rikinjira rigatandukanyaingingo n'umusokoro". Mbega ikindi kintu Ijambo rikora ni igiki? Risuzumaivy'umutima wiyumvira". " Mu kanwa kiwe havamw'inkota ikarishe, kugirangw'ayikubite amahanga : azoyaragiza inkoni y'icuma. Kand'aganishirizaibirenge mu bgato vino y'uburake bg'inkazi bg'Imana ishobora vyose.Kandi ku mpuzu ziwe no ku kibero, afise izina ryanditsweko, ng'UMWAMIW'ABAMI, UGANZA ABAGANZA".

129 Nk'uko abo bangushi barwanya Ijambo ry'Imana kuko bataryemera,Satani yaciye ashiraho ububasha bwa Politike n'ubw'ivya Mpwemu yariafise aca atako abufataniriza hamwe abona kubukoramwo ishengero ryogutsikamira amahanga yose. Yinjijeyo amamiliyoni n'amamiliyoni (amazekuva kuri ya farasi yiwe y'igitare agasimbira kw'ifarasi y'akagajo), yaciyeafata inkota yiwe atera aja imbere. Ariko Imana yavuze ko ico kintu nyeneyononye canke yagerageje kwonona (akoresheje inyigisho y'ikinyoma),iryo Jambo nyene ngo rizohagurukana ububasha, rivuye mu kanwa kaYesu Kristo kandi ko rizobica; yaba we yaba n'abiwe bose bagapfa. Amen! Ico ni co ca kabiri kimatanije ca Gitabo. Murakunda Yesu? [Ikoraniro riciye rivuga ngo: "Amen" - U]. Oh bene Data, ibi ni UKU NIK'UHORAHO AGIZE! Ishimwe ribe iry'Imana.

130 Namba ukwo kundi guhishurirwa kwose, ukwerekwa n'ibindi vyosebihuza neza… Ivyo ni bangahe babizi? Nimutarike amaboko. Ni amajana!Muragabe! IVYO BIZOBA UKO NYENE! Ni ukuri, nimuvyibuke! Ni ukobiri. Oh, bagenzi banje! Nimuze kuri ya "Soko yuzuye amaraso yavuye mumitsi ya Imanweli, imwe abanyavyaha, bibiye i bwina bw'imipfunda yayo,imyanda yose ituma batsindwa n'urubanza ica ibaherako!" Ni muze kandi mumwizere, namba mutari bwigere mumwizera! Ntimwigerezeko. Namba hoba hari ikintu ico ari co cose kiri mu buzimabwanyu, ga bagenzi bahire, turi hano… Hariho ikintu kigiye gushika. Sinziigituma, sinzi n'aho kizoshikira. Ndazi ko gitegerezwa gushika, ariko sinziigihe kizoshikira. Ariko gitegerezwa gushika kuko ihejeje kugihishura. Ntana kimwe ikora itabanje kukimenyesha kandi yarasezeranye ko ivyo bintu bizoshika mu misi ya nyuma kw'iherezo ry'Igihe c'indwi c'Ishengero, yantumwa ni yamara kuza.

131 Aho rero ni ho ivyo Bimatanije ca Gitabo bimaze kumenwa bizocabihishurwa; vyari guhishurwa none ng'ivyo. Ni mw'Izina ry'Umwami. Nimuvyizere bagenzi banje! Ni musohoke muve i Babuloni! Ndifuza kwongerako ikintu kimwe imbere y'uko turangiza kuko ubuari isaha zitatu n'igice; harageze.Mu gihe twe na Billy twari twururutse indege mu Buhindi (igiheduherukirayo), nasomye mu kinyamakuru kimwe canditswe mu Congerezaiyi nkuru ikurikira,ngo : "Nyamugigima itegerezwa kuba irangiye : inyoni ziriko ziragaruka."Hanyuma caradondora ingene ibintu vyagenze. Hari ikintu gikomeye caricabaye.

132 Mu Buhindi nta nzitiro z'ivyuma zibayo nk'ino i wacu; mu kwubakaurugo, baregeranya amabuye akaba ari yo bubakisha; n'inzu zabo nyinshibazubakisha amabuye bagerekeranya ata budongo canke isima. Mu buhindiahantu henshi amazu aregeranye cane, kiretse mu misozi. I Calcutta no mubindi bisagara usanga abantu barambaraye mu mabarabara, bariko baricwan'inzara. Gurtyo rero ni ko bubaka amazu yabo bagaca bayazitiza urugo. Rimwena rimwe kugira ngo bahe amazi ibitungwa vyabo, baba bafise iribabubakira umunara bagaca barizitirira.

133 Maze ubwo nyene hari ikintu gica kiba! Twa tunyoni duto duto,murazi, duca tuza kwubaka ivyari vyatwo muri ayo mabuye tugatungirayoabana. Ariko hari ikintu caciye gitangura gushika.256. Imisi yose, hatanguye gushuha cane, ibitungwa bica biza kuronderaagatutu vyugamamwo impande y'ivyo bihome; kandi muri ivyo bihomenyene ni ho utunyoni duto duto twose tuba. Ubwo nyene, tutazi ikibiteye,inyoni zose zaciye zihungira rimwe ntizaba zikigaruka no mu vyari vyazo.Zaciye zija mu mirima, zigwa mu biti canke ahandi aho ari ho hose, ekambere no hasi. Ibitungwa n'intama ntivyabaye bigishaka kwegera ibihome.Vyagumye mu gahinga, bikaguma vyegerana (ari na bwo buryo bwiza bwogukora). Vyari bizi ko hari ikintu kigiye gushika. Nuko rero ubwo nyenehaciye habaho ikinyamugigima gisenyura ivyo bihome,

inzitiro n'ibindi.. Hanyuma twa tunyoni twaciye dutangura kugaruka. Haraheze imisiitatu canke ine tutaragaruka, ariko mu nyuma utwo tunyoni twaciyedutangura kugaruka. Maze rero abantu baca bavuga bati : "Nyamugigimaitegerezwa kuba irangiye, kuko inyoni zigarutse."

134 None ivyo vyatewe n'iki? Ntimwizera ko ya Mana nyene yinjizainyoni, ibikoko n'intama muri bwa bwato muri ya misi ya Nowa ari YoMana nyene ishobora kuzirungika kwihisha? None ukwo si ukuri?260. Reka ndababwire ikintu kimwe, bene Data na bashikanje. Hari ikintukigiye gushika. Ivyo bisika vyose binini binini vya kera vya Ekleziya bigiyegusenyuka. Abantu bagiye kuzobirengana bateko bahuze. Bazobishikako,ivyo ni ukuri nk'uko nyene mumbona imbere yanyu! Hariho igishushanyoca ca Gikoko, nk'uko mumbona imbere yanyu kandi kino gihugucaramaze kucakira, nkurikije uko Ijambo ry'Umwami rivuga.261. Nimwumve! Nimwatangura kwiyumvamwo ivyo bintu bitameze neza,muce mwegera kure y'ivyo bihome. Muce mwigendera, mudakoze uko nahomuzobipfiramwo! Ntimubigumemwo! Nimusohoke mubivemwo! Ivyo bintuvyose muravyegere kure. Nimuhunge kugira ngo muje mu bwihishon'ingoga na n'ingoga uko mushobora kwose! Musabe Imana ibagirireimbabazi! Ntimuvuge muti : "Ko mama yari Umumetodiste;nanje nzobaUmumetodiste. Ngo : "Ko data yari umubatiste, nanje nzoba umubatiste"Ivyo bintu ntubikore! Ntiwigerezeko! Uko ibi vyoba bisa n'ivyoroshe kandibiciye bugufi kwose nta co bitwaye, ni Ijambo ry'Umwami. Nimuhungirekuri Yesu Kristo mwihuta uko mushoboye kwose maze mugumemutsindaje aho nyene kugeza Imana ibujuje Mpwemu Yera wayo; kukoigihe kiraje c'uko bazorondera Mpwemu ntibabe bakimubona.Nimurabe neza ko mwakoze uko!"

135 Twunamike imitwe yacu. Data wo mw'Ijuru, rimwe na rimwebiranshikira, Mwami, mpagaze aha ngahinda agashitsi. Mba niyumviriye yasaha iteye ubwoba yegereje kandi bikaba bidashoboka kuyibuza gushika. Vyari vyaravuzwe ko izoshika. Gurtyo naribajije igituma abantu batagombakuza kugira ngo bumvirize bateko bavyemere. Ariko kandi koko ndazi kowavuze ko batazoza. Ni co gituma batazoza. Ariko hariho abo amazina yaboyanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'Intama. Kandi ivyoBimatanije ca Gitabo vyuguruwe baca babibonamwo amazina yabo; mazerero Mpwemu Yera agaca avugana na bo, bagaca baza. Ntushobora gukunda ko baguma kure yavyo. Nta n'umweyobishobora; ivyo ari vyo vyose baraza kuko ubarongora nk'uko wabikoreyetwa tunyoni, za ntama na vya bitungwa. Uri Imana. Ivyo bikoko birafiseindemanwa muri vyo ituma bimenya ko bitegerezwa kugenda. Namba indemanwa y'igikoko yarashoboye kugikebura ngogihunge icago, none Mpwemu Yera we yotegerezwa gukorera ikiishengero rivuga ko ryuzuye Mpwemu Yera? Ewe Mana! Nutugirireikigongwe! Mwami, uduharire amakosa yacu. Aha havugirwa ubutumwantituhahagarara kubw'ukugomba kwacu, tukareka aba bantu bakagumabahagaze impande y'ibisika, amaguru akagwa ibinyanya, kugira ngo munyuma bagende bavuga bati : "Emwe, vyari bimeze neza!"

136 Mwami twipfuza kugira ico dukora. Twifuza ko wosesa imitima yacumaze ni yaba irimwo ikintu kibi ga Mwami, ukitumenyeshe ubu nyene.Uradutunga, ntutureke ngo dushike kuri ya saha aho umwanya uzobawarenze. Ni unsese, umvugutire, Mwami. Mpagaze hano kubwo ubuntubw'Imana, ndaba uko ibi Bimatanije ca Gitabo bimenwa, none njekubimenyesha abantu, kuko hari haciye amayinga menshi umbariye ko ivyoari ko bizogenda. Kandi ubu Data, ivyo bintu biri neza na neza imbere yacu. Ubu rero gaMwami, ni umvugutire, unsese. Ni usese umutima wanje. Mwami dushakako woraba mu buzima bwacu, maze habaye harimwo ikintu ic'ari co cosekitari ic'ukuri, uheze ukitubarire gusa, Mwami, uhereye ubu dushakakwitunganya, ubu nyene, mu gihe hakiriho "isoko yuzuye amaraso", wamuti ukura amarabaga ushobora kutwoza ivyaha vyacu n'ukutizera kwacu.Dushaka kwibiza ubugingo bwacu bwose n'ukutizera kwacu kwose muri yo. Ewe Mana! Ni uze udukize ukutizera kwacu.

137 Ni ukwigize kure yacu,Mwami. Twifuza kugirirwa ubuntu bwo kuzamurwa. Tugomba kuba abantu bashoboye, igihe ya mituragaro y'amabanga izovugira hariyamaze Ishengero rikazoba ryaduganywe; dushaka kwitegurirakubwakira. Mwami, ni ubiduhe. Ni utuvugutire Mwami, kubw'Ijamboryawe. Turisesangure maze turamutse tubonye aho twihenze… Mwami, hano ni haba hariho ababatijwe muri ya matazirano, ata nakimwe bari bazi ku mubatizo w'ukuri, nanje nshobore kuba umwizigirwanka Paulo ca gihe yashika muri Efeso amaze guca mu bihugu vyo haruguruagasangaho abigishwa basemerera, banezerewe cane bari mu bihevyiza.Yaciye ababaza ati : "Mbega mwarahawe Mpwemu Yera igihemwizera?" No kumenya Mpwemu Yera ko abaho nta vyo bari bazi.Arababarira ati : "None mwabatijwe umubatizo ki?" Bari babatijwe na wamuvugishwa n'Imana yera kandi ahambaye, yari yababatije umubatizo wokwihana gusa; maze baca bongera kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo.Paulo yaciye abategeka kwongera kubatizwa.

138 Mwami, murikiwe n'Ijambo ryawe, ndategetse abantu bosebatarabatizwa mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo ngo bihute umwanyaukiriho. Yemwe abataruzuzwa Mpwemu Yera, ndabibategetse,mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo : Ni muje ku mavi kandintimuhaguruke Mpwemu Yera atabanje kubeza rwose no kubuzuzaurukundo rwayo n'ukugira neza kwayo, imitima yanyu itabanjeguhazwa rwose imbere y'inyonga z'Imana kandi icifuzo canyu cosekikaba ico kuyikorera, co kugenda kubwayo no gukorana na Yo mubuzima bwose musigaje kubaho. Ni ubitange, ndakwinginze. Imana ibaheuwo mutwaro, mw'Izina rya Yesu Kristo. Ndamukunda, ndamukundaKuko ari We yabanje kunkunda (Muramukunda vyukuri?Nimutarike amaboko rero!)Kandi andonkera agakizaKu giti c'i Kaluvaliyo.

139 Kuri uno mugoroba hoba hariho umuntu yumva akeneye kubatizwacanke yoba akeneye umubatizo wa Mpwemu Yera? Murazi ico mukeneye. Mwamuhishuriwe none mwifuza ko bobibuka mw'isengesho. Nta n'umwemuri twebwe yobaha Mpwemu Yera; ico dushoboye ni ukubabatiza mumazi gusa. Imana gusa ni Yo ibikora. Ariko muriyumvamwo icomukeneye kuko Imana ibwiye imitima yanyu ko mumukeneye kandi mukaba mwifuza ko tubibuka mu masengesho. Murashobora guhagurukakugira ngo tubamenye? Imana ibahezagire! Umwami abahezagire! Ndibaza ko hariho abantu bashika ijana na mirongo itanu bahagaze,nk'uko ndababona bose. Sinzi igitigiri c'abataritse amaboko bari mu bindivyumba no hanze uko bangana. Ariko mwumva hari ico mukeneye. Ni cogituma ubu rero tugira dusenge.

140 Yemwe mwebwe mubona abo bantu bahagaze impande yanyu kandibakaba bahagazeho nk'ivyabona imbere ya Kristo, batakamba bati :"Ndagukeneye, Mwami, ndagukeneye; ndizigira kuri uno mugoroba ko ndiumwe mu baja gusanga amazina yabo yaranditswe muri iki kimatanije caGitabo, isi itararemwa. Hari ikintu cankoze ku mutima none ndahagaze,Mwami. None ni jewe? Urampamagaye? Ndifuza ko unyereka izina ryanjehariya. Ni unyuzuze kandi umatanirize muri Wewe nyene uce unshirishakoikimenyetso Mpwemu Yera!" Mwebwe abari bamaze gushirwako icokimenyetso, ndabasavye ngo muhaguruke; muhindukire mubarabe,mubarambikeko ibiganza kugira mubasengere. Ubu rero mugire imitimay'ukuri koko.

141 Data wo mw'ijuru, mw'Izina ry'Umwami Yesu, uwo Mpwemu Yeraw'Ubwiza nasukwe kuri iri koraniro… nk'umuyaga uhuhuta, kandiahamagare umutima wose ngaha, Mwami. Kandi numanure umubatizo waMpwemu Yera kuri aba bantu. Kandi amazi arateguye. [Uhereye ahaisengesho rya mwene Data Branham ntiriba ricumvikana neza kukoikoraniro ryose ririko rirasenga n'ijwi rirenga - U].

« Petero akivuga ayo majambo, Mpwemu Yera aca amanukira kubariko barumviriza Ijambo, maze bose baca buzuzwa Mpwemu Yera.»[Ikoraniro ryose rirabandanije gusenga. - U]

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7